# Imishaha Iri Mw'Ibohero Ubu

Jeffersonville, Indiana, USA
10 Munyonyo 1963 Mu Gatondo

1 Murakoze. Twunamike imitwe yacu akanya gato gusa.

Data wo mw'Ijuru turagushimiye uyu munsi kubw'ir'ibakweryokwongera gukoranira hamwe iyindi ncuro, tuzi ko umunsi umwe tuzokoranairyanyuma yacu, nk'abapfa, kandi hanyuma tuzokoranira hamwe naWe turi mumeroy'ubwiza, kandi abacunguwe bose bo mubihe vyose bazokoranira hariya.

Ô, imitima yacu iratera cane, ni... kandi n'ukwitegaguhambaye, irindiriye ya saha ko ishika! Hamwe n'ivyo, ubwoba bwose burahera.Ntidutinya ikintu nakimwe, ntakintu nakimwe co gutinya. Turaba imbere isezeranoiryo Uhoraho Imana yadusezeraniye, kandi turazi ko ari ukuri. Nico gituma turiho.Tubayeho kubw'iyo, iyo saha, ico gihe, igihe uku gupfa kuzohindurwa, kandikuzogirwa nka We, kandi aho ntandwara zizongera kubaho, ntagahinda kazokwongerakubaho, ntakurwara umutima kuzokwongera.

2 Ôo, aho bizobabirangiye. Hanyuma hamwe n'akanyamuneza ko m'umutima, twebwe, m'ukwizeran'ubwira, turarindiriye uwo munsi.

Nico gitumwa dukoraniye hano uyu munsi, Mwami,kugira twature amakosa yacu kandi dusabe imbabazi. Nico gituma kino gitondoturaba kino gicaniro, kubera tuzi ko turi abapfa, kandi ko hari amakosa menshimuri twebwe, kandi twuzuye amakosa. Ariko twaje kwatura amakosa yacu, hanyumaturabe kuri Data wo mw'Ijuru n'imitima yuguruye kubw'imihezagiro n'ukunagurwakw'imbaraga n'ukwizera, yaduteguriye kano kanya, nk'uko twakoranye hano bihuyen'isezerano, "mubirere vyo mw'Ijuru muri Yesu Kristo." Kubera ko twemeza kotwavuye m'urupfu dushirwa m'ubgingo kubw'isezerano ryiWe, kandi twaduganywemubirere vyo mw'Ijuru, twicaranye nawe kano kanya. Ashobore kutwigisha kanogatondo ibintu yipfuza ko twomenya, kandi aduhe waMukate w'Ubugingo, kugiratubashe kuronka inkomezi kubwa kazoza kari imbere yacu. Biduhe, Mwami. Iriniryo sengesho ryacu dusavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Murashobora kwicara.

3 Mwaramutse mwse. Kandi ni vyiza cane gukoranira hamwenamwe hano ubugira kandi kano gatondo, muri kino cuka co mw'Ijuru co guhimbaza.

Nacerewe gato, twaronse... inkuru mbi, mbi canekw'iterefone haheze iminota mike;umuhungu aryamye hariya, ari kumpfiro. Kandi nk'uko nyene mpagaze hano, Umwamiyakoze k'umubiri wiwe kandi aramubwira yigire. Rero...

Kandi u—u—umuhungu ahagaze hano, ni umuhungu wamuvyara wanje. Bahora ari aba Katolika bakomeye, kuva kera, ariko bagiye mumisakano gatondo ariko ikintu kanaka cababwiye kuza hano. Rero ba... Hariimpinduka. Rero bariko baraza ubu muhira, kandi bitegura kubw'umubatizow'amazi. Rero ba—ba ... n'ibintu vyiza cane ivyo Umwami wacu akora igihe cose. Agumaakora ibintu.

Baje kwinjira, ariko ntibashoboye kwinjira indani.Bavuze ko bataronse uburyo bwo kwijira.

4 Narababwiye nti: "Rero, mushaka kumvugisha," kandinaravuze nti: "Neza, nimuze muhira, kandi turaza kubivuganirayo."

Rero nariyumviriye, ndiko ndaja i New York ubu, murikino gikorane cimirije, ko kizoba kimeze neza... ndazi ko nzoshobora kugirwamushasha mukuhaca ha—hanyuma nkarahura umuriro wanje k'uwanyu mwese, rero kanogatondo twahagaritse umunsi umwe gusa. Kandi twashitse ejo haheze, hirya y'ejoisaha zitandatu z'umurango.

5 Kandidutegerezwa kugenda. Nari kugenda kuri uyu muhingamo, ariko nibaza konzogenda... Kandi tuzotangura mugitondo, kare, kare cane... Hashobora kubahariho amabarafu mw'ibarabara, hamwe n'ibindi, hagati yo ng'aha n' i New York.Dutegerezwa guca muri Virginia, mu misozi, kandi muri Alleghenys hanyuma hariyahasi muri Adirondack.

6 Rero tuzotangurira , ndibagiye, ni hariya ku kibugac'inkino, gishasha. Ndatahuye, barasambuye ca kibuga c'inkino Saint Nicholas.Bubatse kino gishasha. Kandi ivyo nzi n'uko twaronse amajoro yambere ayo... kuvacuguruwe. Rero turashima kubw'ivyo, kubwo Abapantecotista b'i New Yorkhahambaye. Kandi ndibaza turafise amashengero menshi akorera hamwe, kanditwiteze ibihe vyiza.

Kandi tuzogaruka Umwami ibikunze mundwi iza.Kandi-kandi nibwaba ari ubugombe bw'Imana, kuberiki, twizeye ko tuzohagararakuw'iyinga, indwi, kubw'igikorane co kuw'iyinga co mugitondo.

Kandi rero narubiriye umwungere wacu ubugira kandi, nk'uko nsanzwe ndabikora,murabona, ka—kandi naribajije hamwe iyo ninjira, kandi ntanabajije. Kandi hariumurwi mwiza hano, kandi ndabona abantu bava inyuma y'igisagara bari hano;nibajije kumbure, kano kagoroba, hame Umwungere yoba adafise ikintu kidasanzwe,ko twoshobora kugira igikorane gito kano kagoroba, gito, kandi koko, kumburegusengera

abarwaye. [ Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Murakoze.

7 Turizigiye ko tuza gusengera abarwaye kano uyumugoroba, tuvuge k'ugukiza indwara kw'Imana hamwe no gusengera abarwaye.Dutangura kare kugira tuze gusohoka kare. Kandi nimba Umwungere abishatse,iki...mukunze gutangura saha imwe n'igice z'ijoro. Nivyo? Mubona gute dutanguyeigihe c'isaha imwe y'ijoro uyu mugoroba, isaha imwe? [ MweneData Nevile avuzeati: "Amen." —Umw.] Rero reka nze gutangura isaha imwe y'ijoro n'igice, kandi ivyo biza gutuma mpezaisaha zibiri canke isaha zibiri n'igice z'ijoro, kandi biha abantu umwanyawokugenda, hamwe i—ivyo vyoba ari vyiza. Bose batwenze i—igihe navuga isaha zibiri canke isaha zibirin'igice. Ndizera konza guheza icogihe. Gusengera abarwaye, murazi, ntitwigera tumenya.

Rero twaragize i—ibihe vyiza kuva igihe twava hano muntango z'agatasi, kandi Umwami yaraduhezagiye muri vyinshi bihambaye. Ivyo...kandi kano kagoroba, Umwami abishatse, nshaka kubabwira k'ukugenderwa n'Imanaguheruka nagize muri Colorado, haheze indwi zike. Kandi ico nico nibajije konobazanira ubu, kumbure ukuduza ukwizera kubw'igikorane cogukiza indwara kanokagoroba, kubarwayi hamwe n'abababaye.

8 Rero kano gatondo, mukwinjira neza mugikorwa, Jewe…Ikintu anaka carankoze k'umutima haraheze hafi ukwezi. Kandi birashoboka, ubu,ndibaza ko bariko… Ese bariko barabifata amajwi? Ese bariko barabifata amajwi?Egome. Ni vyiza. Kugira nshobore kumenya aho, nimba bande izoshikira abandi.Sinoshobora kuvuga ko ivyo ngiye kuvugako kino gitondo… sinoshobora kuvuga kobi—bi—bi… Ndazi ko ari ukuri, murabona, igice c'Ubutumwa kiza kuba ukuri. Arikoikintu, ico nshaka gukora, ni ikibazo muvyiyumviro vyanje. Kibonekank'ikinyakuri. Kandi kuva ninjiye, kandi kuva Jewe… Nagihishuriwe, nari natinyeko mpava mvuga ikintu kitari co hama nkasiga uruzazane mubantu. Kandi ni… Kandijewe…

9 Nari mfise ivyo nanditse, kuvyo nari ngiye kuvugakonakuyeko igice, kugira simpave ndabigira ibigumye cane. Kubera, murabona, hamweu—umuntu…Nda—ndakunda Umwami Mana, kandi uburyo bumwe gusa menya ko ndayikunda,ni kubera ndabakunda. Murabona? Ubwo nibwo buryo bumwe gusa nzi. Kandi rero si—sinshakako ngira ikintu nahishuriwe hanyuma sindakibababarire. Nimba ari ico kubabwira.Kandi rero ndafise ubwoba ko novuga ikintu kanaka gikomeye bukebuke, coshobora gutsitazaumuntu kanaka. Kandi, murazi, ni…bisaba gusa ko ushika kugicaniro hanyuma reroukumva urongowe kuvuga ico ugiye kuvuga. Nivyo ntakindi. Kandi rero rimwe narimwe urashobora kuvuga ikintu kanaka, hama umuntu kanaka akumva i…ikindi kintu,hanyuma bakigira hariya kurundi ruhande; kandi umuntu kanaka akavuga ati: ", ibi ni ibi," murabona.

10 Ariko ndashaka mumenye ko ivyo ngiye kuvuga niugucacisha gusa, kandi ijambo gucacisha risobanura"kuja mukintu atabubasha." Rero ndi… je si—simvuze ko bino ari ukuri, aiko niiciyumviro gito noshobora kubashikiriza, kandi mwoshira kumunzane hama mukarabaico muciyumvirako. Hama rero kizoba, atankeka, ki—kizoba gifatiye kuvyanditswe,kubera atanakimwe nokwigisha…

Ariko iyo saha yamaze kugera? Ibi vyashitse kuriiyi saha, kandi bino bintu vyasigura kino? Ndasanga, hamwe n'ibiri muri jewevyose, kugira ntibibe ukwo. Murabona? Ndasenga kugirango ntibibe vyo, ko itobaiyo saha. Bizoba, ariko ico gihe camaze kugera? Murabona, ivyo nivyo nibaza.Ese mwese muratahura ubu ko atavyonzi? Gusa nda…Iki nico gihe? Nimba ari ubu,Imana itugirire imbabazi. Ariko nimba atarico gihe, reka…bizoba.

11 Ubu, vuba hashoboka, turafise urugendo ruhambayeimbere yacu, Umwami abishatse. Kandi ntegerezwa kuja hakurya mubindi bihugu vyakure, neza inyuma ya Noheli, I Buraya hamwe no muri Aziya; cane cane i Buraya. Kandinzoca ngaruka hano muri Leta zunze ubuwe za Amerika, kubwibikorane bike,hanyuma nzoca nsubira hepfo muri Afrika y'Epfo. Nzotangura igenekerezo ryakabiri z'ukwezi kwa Nyakanga, muri Durban, hanyuma nzohera itariki zibiri,ndibaza, gushika hafi itariki cumi, hanyuma rero nzoba mfise iminsi itatu yokuva ngaha gushika I Johannesburg hanyuma ntangure kandi. Ariko nibaza ko ariukwezi kwa Ndamukiza, tuzohera muri mubihugu vya Scandinavia, muri Norvegehanyuma muri Sweden ha—hamwe na Finland, ha—hanyuma m'Ubuhorande kandiSwitzerland ha—hamwe no mu Budagi, hanyuma duce I Buraya hariya. Reromudusengere.

12 Turafise ibikorane bike hano, ubu igihe ca Noheli, inyumaya Noheli, By the way, turashaka kuba hano muhira kuri Noheli. Abana barashakakuza muhira kuri Noheli. Kandi tu—turakunda Arizona, ariko murazi ikintu du—dukumbuye,kandi tudashobora kwibagira, ni ishengero nawe bantu. Iyo tuja hose, ivyodukora vyose, ni gusa… abana, jewe, umugore wanje n'abandi. nta kibanza nakimwe nk'iki. Nivyo. Ntahandi hariho.

Narajabutse inyanja indwi, kandi na - ragiye ahantuhose, ariko ntakibanza nakimwe cambereye icera nk'iki kibanza gito, hano nyene.Ni hano. Ja kure yaho rimwe gusa, nimba ushaka kubimenya. Hari ikintu kanakac'umwihariko hano. Naravuze Ubutumwa hafi kw'isi hose, sinigeze, nta gihe, ntaikibanza, numva Mpwemu w'Imana, m'umwidegemvyo n'ibindi, nk'uko mpagaze nezahano. Ibi nivyo.

"Mana rireke…" Ni nk'umunsi nshiraho ibuyeryimfuruka hariya, naravuze nti: "Mwami Mana, ntuyireke

ngo igwe.”

Abantubavuze bati: “Mumezi abiri, izoba ari ikibanza gikorerwamwo imiduga.”

Naravuze nti: “Ntuze wemere ko igwa, Mwami. Rekaizobe ihagaze kandi abantu bazobe bagutazirira hano indani igihe Yesuazogarukira.” Ndizera ko bizomera uko.

13 Ubu reka tuje muri Bibiliya kano kanya, kandi -kandi twitege Umwami ko aduhako kumihezagiro Yiwe. Kandi dushaka gusomaivyanditswe kanaka. Nanditse ivyanditswe hano ivyo nshaka kwisunga, hamwe n'ivyonanditse kanaka. Kandi nshaka gusoma mu bice bitatu muri Bibiriya, kandi ndazakubibaha ubwambere. Ndashaka gusoma muri Yuda 5 na 6. Yuda ni igitabu kimwegusa, murabizi. kandi ndashaka gusoma muri Petero wa Kabiri igihimba ca kabiri(2); 4 gushika kuri 5. Hanyuma ndashaka gusoma 1 Petero 3: 28-20.

Kandi umutwe w'amajambo wanje kano gatondo, Umamiabishatse ni: Imishaha iri mw'ibohero kanokanya. Mishagha iri mw'ibohero kano kanya,yugaranywe, yaraciriweko iteka ibihe vyose. Haba namba, ntaburyonabumwe bwo kurokoka, murabona, imishaha iri mugasho ubu.

14 Ubu reka dusome ubwambere mugitabu ca Yuda. Ndizerako nashizeko ikimenyetso hano ubwambere, muri Yuda; hanyuma hariya muri2Petero, hanyuma muri 1 Petero. Kano kanya, muri Yuda, nashaka kuhasoma hose;ariko kugira ducungure umwanya, kubera isaha zine n'igice zageze, ngiye guherak'umurongo wa 5. Rero, Yuda yari umuvukanyi, barerewe hamwe na Yesu Kristo, nk'uko tubizi twese.Murabona? Yari umuhungu wa Yosefu.

Ndagomba kubibutsa, naho vyose musanzwemubizi, yuk'Umwami, amaze gukiza abantu abakuye mu gihugu ca Egiputa, hanyumayahoneje abatizeye

Yarabakijije, ubwabere, yarabasohoye muri Egiputa, hanyumarero yategerejwe kubarimbura kubera batabandije n'Ubutumwa bwabo, murabona.

N'Abamalayika batagumye m'ubukuru bwabo,ariko bataye ahantu habo, ibarindira kuzocirwakw'iteka ryo k'umunsi uhambayebari mu minyororo idashira no m'umwiza.

Abamalayika bahoze baba mw'Ijuru, kandi batagumyem'ubukuru bwabo n'ukuntu bari bamerewe yo, barakorowe, kandi ubu bari muminyororo idashira y'umwiza, iminyororo idashira y'umwiza, bagumijwe muri ukwokuntu gushika k'umunsi uhambye wo gucirwa kw'iteka igihe bazocirwa urubanzahamwe n'abo bose batizera.

15 Ubu naho muri 2 petero, igice ca 2, guherak'umurongo wa 4, n'igitabu kimwe gusa canke bibiri inyuma yaco, murabona.

Kuko Imana itagiriye ikigongweAbaalayika bacumuye, ariko ikabakororera ikuzimu, ikabashira muvyobo vy'umwiza, ngo barindire kuzocirwa urubanza;

kandi ko itagiriye ikigongwe isi yakera, ariko igakiza Nowa,umwigishaw'ivyo kugororoka hamwe n'abantuumunani, aho yazana umwuzure kw'Isi y'abatayubaha;

Ko itagiriye ikigongwe b'Abamalayika; akabashira muminyororo y'umwiza, kandi yaciriyeko iteka isi yose biciye m'ukurimbura, kwa—kwaNowa.

16 Rero muri 1Petero, igice cambere no mu… 1 petero,igice ca 3, uhereye k'umurongo wa 18. Turasoma kandi. Ubu mwumvirize neza kanokanya.

Kuko na Kristo yababajwe rimwe ahorwaivyaha,Umugororotsi yababarijwe abagabitanya kugirango adushikirize Imana,yishwe umubiri, ariko yahinduwe muzima na Mpweu: … yishwe m'umubiri, arikoagirwa muzina na Mpwemu: Nibwo yagiyemwo abarira impwemu zari mw'ibohero Ijambory'Imana; yabwiye Ijambory'Imana abo bantu mw'ibihero;

Ni zo z'abatumviye Imana kera, hamweukwihangana kw'Imna kwari kukirorereye mu minsi ya Nowa, bwa bwato bukibazwa,muribwo harokokeye abantu bakeya, bashika umunani bakijijwe n'amazi.

…Ayo niyo abakiza namwe m'uburyo bw'ikigereranyo c'umubatizo (si ugukurahoimvyiro zo k'umubiri, ariko n'isezerano ry'umutima utagiriza ikibi usezeranyeku Mana,) abakirish ukuzuka kwa Yesu Kristo:

Ari iburyo bw'Imana, kuko yagiyemw'Ijuru amaze guhabwa gutwara Abamalayika n'abanyabubasha n'abanyabushobozi.

Reka twongere dusenge.

17 Kano kanya, Data uri mw'ijuru, umurongo nk'uyu w'icanditswehano, ivyabona bitatu, ibibanza bitatu mu vyanditswe bishinga intahe. Kandiwaravuze mw'Ijambo ryawe uti: “Bivuye mukanwa k'ivyabona bibiri

canke bitatu,ijambo ryose rizoringanizwa." Ubu ndagusavye, Mana, uze kubantu kandi uze kubasobanurira iri Jambo, ubu Butumwa, m'umuco ritegerezwakubamwo, ko buri mugabo wese, buri mugore wese, umuhungu, canke umukobwa,ashobore gutahura m'ububasha wabategekeranirije kubitahuramwo, kandi ubu tuziko ibi vyabona bitatu bishingira intahe Ukuri.

Kandi ndasenze ngo urungike Mpwemu Yera kuri twekano kanya. Kandi turamuraba We ari Umwami wacu, hagati yacu kino gatondo,Umwami Yesu Kristo; aho twadugijwe kano kanya m'ukwizera, twicaye muri binobirere vyo mw'Ijuru muri We. Turindiriye Ubutumwa bwiWe. Ubuvuge uciye muritwebwe, Mwami, bavyumve biciye muri twebwe, mugihe tugusaba gukeba iminwa ivugan'amatwi yumviriza, kugira bibe kubw'icubahiro n'ubwiza vyayo We ariicanditswe. Kuko tuigusavye mw'Izina ryiwe. Amen.

18 Ubu mwibuke ibikorane uyu mugoroba, igikorane cogukira indwara. Sinibaza ko biza kuba ivyankenerwa gutanga amakarata yogusengerwa, rero turasengera abarwaye gusa. Ndafise ikintu kanaka nshakakubabwira, kandi ndi—ndizeye ko kiza gushikana ikoraniro ahantu kugeza aho hazakuba gusa ugukira indwara kw'uburyo bwose. Ndazi ko biza kuba nitwavyizera gusamuri ubwo buryo.

Rero iki, Imishaha iri mu gasho, Imishaha iri mugasho ubu!

19 Rero, umushaha w'umuntu si umubiri w'umuntu, ni Umushaha. Murabona? KandiUmushaha ni ikintu arico kamere y'impwemu. Kandi rero igihe kamere y'umuntu…Igihe yavuga ati: "Twarapfuye," ivyanditswe bitubwira vyeruye ko: "Twapfuye,kandi ubugingo bwacu bunyegejwe mu Mana biciye kuri Kristo, bushizweko ikidodona Mpwemu Yera." Rero si umubiri wawe wapfuye; si impwemu yawe yapfuye; yari kamere y'impwemu yawe yapfuye murabona,kamere, ariyo Mushaha. Kamere k'Umushaha wawe ni - ni Imana, nimba waravutseubwa kabiri. Nimba Atari ukwo, ni isi. Ikintu cose gifise intango kigira iherezo,kandi rero uburyo bumwe bwonyene ushobora kuronkamwo Ubugingo Budashira niukuronka Ubuzima butigeze bugira intango. Kandi rero ubuzima bwawe bwatanguyeigihe wavuka, igihe Imana yahumekera impwemu y'ubuzima mu mazuru yawe hamaugacika umushaha ufise ubugingo, rero aho niho watangura. Ariko igihe wa…

20 Iyo kamere yari muri wewe, biciye kuri kamere wari uwo mw'isi, inyambukira kuMana, wari muvy'ukuri igikoko. Ivyo ni neza ukuri. Uwari we wese arazi ko turiibinyamabere (Ibikoko vyonsa abana bavyo - Uwus.). Ni bangahe bazi ivyo?Twebwe, turi ibinyamabere, turi ibikoko vy'amaraso ashushe, ariko ico nico turibiciye k'ukuremwa kwo kw'isi. Ariko, murabona, icadutandukanije n'ibindibinyamabere, n'uko—uko Imana yadushizemwo Umushaha. Murabona? Rero ibindibinyamabere ntibitegerezwa kwambara impuzu ngo binyegeze isoni, uretse twebwe.Nitwe twenyene tubikora, kubera dufise umushaha. Ariko raba, Imana muntango,yari izi uko umuntu yobaye ameze. Ica irema isi, hanyuma iyishirako ubwokobwose bw'ibikoko, kuva ku kiri hasi gushika ku kiri hejuru; kandi igikoko kirihejuru y'ibindi cabonetse, yari umuntu.

21 Kandi rero, ubwabere umuntu yararemwe, yari umuntu w'impwemu, mw'ishushoy'Imana.

Rero, "Imana ni Mpwemu," Umweranda Yohana 4. Rero, "Ni Mpwemu. Kandiabayisenga, bayisenga muri Mpwemu no m'Ukuri. Kandi Ijambo ryawe ni Ukuri."Rero, tumusenga mu Mpwemu no m'Ukuri. Ni ikiremwa c'Impwemu.

Rero nta muntu yari ahari wo gukorera isi, hanyuma rero Imana ica ibuba umuntuimukuye m'umukungugu wo kw'isi.

Hanyuma yasokoye m'urubavu rwiwe, ikintu gisokowe m'ukindi,urubavu; kandi, kuvakuri ivyo, atandukanya uyu muntu yarafise kamere zibiri, yari umugabo akongeraakaba umugore. Kandi yakuyemwo igice c'umugore, kubera rwari urukundo, hanyumaigishira m'umuntu yitwa Eva, uwo Adamu yise Eva, uwo yari umugore wiwe. Ahoniho urukundo rwiwe, rusanze, urukundo Phileo, gwamugumije k'umugore wiwe. Ukoniko umugabo yategerezwa kumera uyu munsi, kandi n'umugore agaheza agakunda umugabowiwe. Umugabo, ubugabo; umugore, ubugore

22 Kandi rero, murabona, Ihejeje kuremaumuntu mw'ishusho yaYo bwite, « Imaze kubarema ari umugabon'umugore », nta muntu yariho wo gukorera isi. Hanyuma ica imushim'umukungugu wp kw'isi, kandi kubwivyo bahindutse… yari uwo muntu. Uyu muntuyari igikoko consa, murabona, yari igikoko; ariko Yashize iyi mpwemu y'Imana,ubugingo, muri we, kandi imugira uwushobora guhitamwo. Rero hanyuma igihe uyu muntu…

23 Ubu twibaza ko turi ikintu kanaka. Mwibuke gusa, turi ik? Ikinombec'umukungugu. Ntakindi. "Uri umukungugu, kand'umukungugu niwo uzosubiramwo."Rero iyo mubonye uyu muntu ariko aragenda mw'ibarabara, yibaza ngo ni umuntukanaka, murazi, kandi yize hamwe n'ibindi, mwibuke ni ikinombe c'umukungungo womuri Indiana. Ntakindi. Kandi urya mugore, yambaye ikabutura, kandi atumuraitabi, yitwara uko agomvye mw'ibarabara, adandabagirana nk'uko umenga igihugucose ni iciwe, ni ikinombe c'umukungugu wo muri Indiana, kandi uko nikoazosubirayo. Rero nti muri agahambaye kuva muntango, murabona. Rero ivyo, ivyoni vyo, ico nico muri.

24 Ariko umushaha uri indani hariya, murabona, urya mushaha niwo Imana irikoiratunganya, murabona.

Hamwe gusa yoshikana irya kamere,irya mpwemu, kwemeranyanaWe,hanyuma kamere igapfa, kamere n'urukundo rw'iyi si bigapfa, hamwe n'ibintuvy'isi bigapfa. Murabona? Kubera "Niwakunda isi, canke ibintu vy'isi, urukundorw'Imana ntiruzoba ruei muri wewe." Murabona? Kandi umuntu ategerezwa kuvukabushasha. Rero ino kamere itegerezwa gupfa, hanyuma kameere y'Imana ikaza kandiikaba muri wewe. Kandi Imana nico kintuconyene kiriho kandi kitagira aho catanguriye kandi kitagira impera.

25 Rero, kubwivyo, yariyunze, murabona, kandi yafashe uyu muntu, wo kw'isi,n'Impwemu ihoraho, hanyuma ibishira hamwe. Kubera, imana iragaragara ubwayomuri ivyo, ko yacitse umuntu igihe yahinduka Yesu Kristo, kandi yari Imana,murabona. Imana yari muri Kristo; ivyo, murabona, yabaye muri We,yiyuzuzan'abari mw'isi. Kandi biciye kuri uwo Muntu atunganye, umwe wese uri twebweadatunganye yizera mu Mana kandi yaYemeye, ahinduka ugutungana kubwiwe.

26 Kandi ntiyigeze areka umubiri Wiwe ngo ubore canke ngo arekere umushaha wiWeikuzimu, ariko YaMuzuye k'umunsi ugira gatatu, kandi ni muzima ibihe vyose.Kandi tuzoronka umubiri usa n'umubiri wiWe w'Ubwiza.

Nico gituma tubatizwa mw'Izina ryiWe, kugira ngo dushobore kurokoka ukuzukakubw'Izina ryiWe, m'urupfu rwiWe, mw'izuka ryiWe, kugira tuzuke ukundidushingira isi intahe ko dufise Ubugingo busha, ko wa muntu wakera yapfuye. Twahamvyeya kamere ya mbere. Murabona? Ya kamere ya mbere yargiye, ko kandi turi yakamere yiWe. Aba muri twebwe, kandi ntidukora ubugombe bwacu bwite. Dukoraubugombe bwiWe. Ntitwiyumvir ivyiyumviro vyacu bwite. Ca ciyumviro, caciyumviro nico twiyumvira. Ca ciyumviro cari muri Yesu kiri muri buri wizera.Murabona, hari - hari umushaha, kandi uwo niwo turiko turavugako. Ubu ico nicogice ndiko ndiyumvirako kano kanya, ico, ico kiri indani muri twebwe, umushaha.

27 Rero, hamwe twokwiihweza, muri bino, hari ibintu vyinshi bishika rimwe narimwe, kandi tukibaza impamvu bishika, kandi tukibaza twebwe nyene, hanyumatukabaza n'abandi. Ariko imperuka, haciye akanya, tugasanga ko, nimba turiAbaKristo, vyose bigenda neza, m'uburyo kanaka. Mwarabonye ivyo. Abakristo bosebarabibona. Tukibaza impamvu twabikoze.

Naribajije igihe kimwe, igihe nasoma Bibiliya ubwambere, "Kubera iki Imanayaretse Aburahamu, wa muntu ahambaye, guhagarara hariya hanyuma akavuga ko SaraAtari umugore wiwe?" Kandi gute ivyo Yamuretse agahagarara hariya hanyumaakabesh kuri ivyo, hamwe n'ibindi yakoze, kandi ni gut yamuretse akava mugihugu c'isezerano aho yari yamubwiye ko atohava.umu yuda wese ava mu gihuguc'isezerano aba yasubiye inyuma, kubera Imana yarakibahaye kandiyarabasezeraniye kugumayo, murabona, hanyuma baravuyeyo. Rero yagiye i Gerari.Ariko iyo bitaba vyarabaye kubw'ico…

28 Hanyuma Abimeleki, wa mwami haiya hepfo mu gihugu ca Palestina, arakunda Sarakandi yari giye kumwabira, kandi yari umuntu mwiza, umugororotsi. Kandi kumbureinyuma…Ibi vyumvikana nk'ibiteye isoni, ariko kugira mubibone neza. Ahejejekwoga mw'ijoro kandi yambaye impuzu zo kuryamana, kandi yasenze yagiye kuryama,Umwami aramwiyereka kandi amubwira ati "Uri nk'uwapfuye," kandi uwo mugabontanaikmwe yari yakoze. Murabona? Yari koko henzwe n'abo bose Aburahamu naSara. Ni vyo. Yaravuze ati: "Watwaye umugore w'uwundi mugabo, uurabona.Sinzokwumva amasengesho yawe, ukwo uzosenga cane kwose. Uri nk'uwahwereye. Arikourya mugabo ni umuvugishwa wanje

29 Murabona, biragoye gutahura ivyo, murabona. Ariko iyo bitaba ivyo, ntitwarikumenya ico ubuntu bwari.

Kubera iki yagiye kandi akarongora Hagayi, munyuma y'uko yarafise umugorew'igikundiro nka Sara? Kandi ntiyashaka kubikora, murabona, ariko Sarayaramubwiye. Hanyuma Umwami yaramubwiye ati: "Umvira ivyo Sara yakubwiye."Kubera iki? Hategerezwa kubaho Isumayeli, "ko umugore w'incoreke n'umwana wiweatoraganwa n'umugore bwite n'umwana wiwe." Murabona ico nshatse kuvuga?

Ibi bintu vyose ni ibigereranyo. Kuberiki uyo muvugishwa yategerejwe kurongoraimaraya kandi akagira… hamwe n'abo bana, akamuvyarako abana babiri?Nk'ikimenyetso. Kubera iki umwe yaryamye iburyo bwiwe iminsi amajana atatu namirongo ine, hanyuma kandi akaryama murundi ruhande iminsi myinshi nk'uko?Nk'ikimenyetso. Umwe yamushikuye impuzu ziwe hanyuma atambuka imbere yaIsirayeli. Kandi rero, ivyo bintu vyosevyari ibigereranyo n'ibitutu, murabona; kandi dutegerezwa kuronka ivyo bintu, kugirabishitse.

30 Kandi incuro nyinshi, ibintu biradushikira tukibaza igituma bibaye. N'Imanairiko iratwereka ibintu kanaka bitaraba.

55Ubu, nk'agahungu gato, kandi murazi inkuru y'ubuzima bwanje, jewe na—namyeigihe cose nizeye, kuva ntanguye kwibuka…kimwe muvyambere nibuka…Ibi ubu, kanokanya, urashobora kuba warambariye ikintu kanaka ejo hahise, uyu munsi nkabanacibagiye. Ariko hari ibintu kanaka, muri kahise, vyabaye muminsi y'ubutobwacu, benshi muri twebwe niko tumeze, ivyo twama twibuka ibihe vyose. Kandivyumvikana nk'ibiteye isoni kuvuga ibi, ariko ndibuka igihe navura, nambayeigikanzu kirekire. Abana bato, ubu bamwe muri mwebwe tunganya imyaka mushoborakwibuka ivyo, abana bahora bambara

amakanzu maremare. Kandi ndibuka navura, kandimfata urubura ku birato vya datawacu hanyuma nkarurya, igihe yinjiye kandi yariahagaze hafi y'iziko.

31 Kandi ikindi kintu gikurikira nibuka cabaye m'ubuzima bwanje, ryari iyerekwa,iryambere nagize, kandi ryambwiye ko nobayeho igice kinini c'ubuzima bwanjehafi y'igisagara citwa New Albany. Kandi nari umwana muto wa hariya hejuru mumusozi, nta n'umuganga igihe navuka. Kandi - kandi… Murazi, ba… nabaye hanohafi imyaka mirongo itanu, hano nyene; iyerekwa.

Kandi rero ukuntu namenya igihe cose ko hari Imana ahantu kanaka, kandi nk'agahungugato yarambariye iti: "kutigera nywa itabi, canke nywe inzoga, canke nanduzeumubiri wanje," ivyo ni kwiyanduza n'abagore hamwe n'ibindi. Namwe igihe cose ndabitinya,kandi nari umuyabaga.

32 Kandi ikindi gihe kimwe nari nagiye guhiga, navyo ni nka kamere yanje yakabiri, gukunda guhiga. Nari najanye guhiga n'umuhungu, Jim Poole, umwanaw'igikundiro. Ndibaza ko umwana wiwe w'umuhungu araza kw'ishengero hano, Jimmuto, kandi n'umuryango w'abantu beza. Ndabazi ba Pooles. Jewe na Jimmytwaryama hamwe kandi twarabanye kuva turi uduhungu duto mw'ishure. Turushanyaamezi atandatu mumyaka. Hanyuma Jimmy yararashe inkoho yiwe, ica indasa mumaguru yose, anyegereye cane, hamwe na n'inkoho y'uruhigi. Narajanywe kubitaro,kandi, aho, ndambitswe ngaho ndiko ndacikana, ata Penisirine canke ikindimurico gihe. Hanyuma rero, banryamitse kuri gitambara kitava, kandi ndazi iryojoro… bari kumbaga bukeye mugitondo.

Barafashe kandi baroza gusa igikomere, hamwe n'ibibanyu binini vy'ivyamazatabaguritse, hanyuma barafata umukasi barazikata, kandi nategerezwa kugumyaamaboko y'umugabo. Kandi Frankie Eich niwe yari aho, ahereka kwiyahuraubushize, kandi bategerejwe gufata, barashikura amaboko yanje kugira ndekureibiganza vyiwe igihe bari bahejeje. Naraborozekandi ndarira, kandi nagumije gutya, nabo bariko baraca ico gice co k'ukuguru.Nari mfise imyaka cumi n'ine, agahungu gato.

33 Kandi iryo joro narageragеje kuja kuryama, hama ba…Nikanguye, ibintuvyadudubiza. Kandi yari amaraso, hafi iritiro zitatu n'igice zirenga, ndibaza,yari yasohotse mu mitsi. Hanyuma ba… baracishije mw'iradiyo, hanyuma baravuzeko urusasu rwari hafi cane ya wa mutsi mukuru, k'uruhande rumwe canke urundi,ugukwabuka gato gusa wari guca ucikamwo kubiri, kandi nariguca ntangura kuva amaraso. "Neza,"naribajije nti: "Ivyanje birarangiye." Hanyuma narakojeje ukuboko hasi nk'ukuhama ndagukiriza hejuru, amaraso yantemba mubiganza, yari amaraso yanje nyenenarinryamyemwo. Narahamagaye,mvuza ikengeri. Umuforoma yaraje, hanyumayayakozamwo igitambara gusa, ntakindi bari bashoboye gukora aho.

34 Hanyuma bukeye mugitondo, muri ukwo kubura imbaraga, ntibanyongerereje amarasokiriya gihe, murabizi, rero ba—barambaze. Hanyuma barampaye ikinya. Kandi igihena… ikinya ca kera, ndibaza ko muvyibuka, ni ikinya ca kera. Hanyuma ndimwoikinya, igihe nikangura, ikinya campezemwo haciye amasaha umunani. Bari bampayevyinshi, bari bibajije ko ntashobora… ko ntari kwikangura. Ntibashoborakunkoma.

35 Ndibuka umugore wa Roeder yarahagaze hafi yanje, hariya mubitaro. Sinzokwigeranibagira uwo mugore. Icoba cose, sinzoshobora kumwibagira. Icogihe yarakiriumugore akiri muto. Umugabo wiwe yari umugenduzi Hano hepfo k'urugandarw'imiduga. Kandi ndi - ndibuka yarahageze hafi yanje we hamwe na muka Stewart.Kandi nibo bandihiye amahera yo kwa muganga. Je… Ntitwari dufise n'ivyogufungura, munzu rero nigute twari gushobora kuriha amahera y'ibitaro,amadolari amajana? Ariko we, biciye kw'ishirahamwe ryo kw'isengero aho yasengerahamwe n Ku Klux Klan, yarandihiye amahera yo kwa muganga, Masons. Sinshoboranagato kubibagira. Murabona? Ico bokora cose, canke iki, nguma…hariho ikintu,kandi kigumana nanje, murabona, ico bankoreye. Hanyuma bararishe ayo mafarangakuri Muganga Reeder. Aracariho, aba aha muri Port Fulton, yobabwira iyo nkuru.

36 Igihe nikangura ikinya giheze, hariho ikintu cambayeko aho. Nama nizerako ryari iyerekwa. Kubera nari mfise integecane, hanyuma na… Biyumviriye ko nariko ndacikana. Muka Roeder yariko ararira.Igihe nugurura amaso, nshobora kuraba, narashobora kumwumva ariko aravuga,hanyuma nca ndasubira gusinzira, hanyuma ndikangura, incuro zibiri cankezitatu. Hanyuma rero naragize iyerekwa ako kanyanya. Hanyuma nari mfise…

Inyuma y'amezi hafi indwi, nategerezwa kugenda ngobakureyo ibisigarira vy'urusasu hamwe n'impuzu zoguhiga zariko amavutam'ukuguru; Umuganga ntiyari yabikuyeyo. Rero naragize uburozi bwo mu maraso,amaguru yose yari yaravyimvye kandi yari yaranyizinzeko, kandi bashaka kuyaciramu matako. Hanyuma gusa na… Naravuze nti: "Oya, muze hejuru cane hanyumamugikurireko aha." Sinarinshoboye kuvyihanganira, murabona. Kandi imperan'imperuka, Muganga Reeder na Muganga Pirtle, ava Louisville, barashoboyekubaga, hanyua baragicira hano kandi baragikurako; kandi uyu munsi mfiseamaguru meza cane, kubw'ubuntu bw'Imana.

Ariko ndi muri iryo yerekwa ryanyuma nagize…

37 Iyerekwa rya mbere,maze kugarukana ubwenge, reronaciye ninjira mundoto. Kandi nibajije ko nari

ikuzimu, vyaboneka neza cane…

[ Mwene Data umwe avuze ati: "Mumbabarire, Mushingantahe." —Umw.] Uh-huh. [ "Hariumugore hano apfuye, hariya."] Sawa, umuntu kanaka amurambikeko ibiganza, kandiwe... mumushire ahari akanyaga. Ubu uwumwegereye hariya, mushireko ibiganza.

Dusenge.

Mukunzi Mwami Yesu Kristo,reka mushiki wacu arwayekano gatondo, kandi arabiye mucumba, reka ubuntu bwawe, hamwe n'inkomezi zawe,n'ububasha bwawe… hari ibiganza bimurambitseko kano kanya, mugishingo cawe.Kandi ivyanditswe vyaravuze biti: "Ibi bimenyetso bizokurikira abizera.Nibarambika ibiganza vyabo kub'abarwaye, bazokira." Kandi kano kanya rekamushiki wacu akire iyi ndwara, kandi amererwe neza kubw'ubwiza bw'Imana.Mw'Izina rya Yesu Kristo tubisavye, kandi turamukuragije. Amen.

38 Ubu naho mumushire ahari akayaga. Nta mpwemuzihari. Ndashobora kuvyumva hano, ni bibi cane gose. Ni ibizunguzungu, hanokugicaniro. Navyumvise hano, icuro zine canke zitanu . nimba hari… vubahashoboka araza kwiyumva neza buke buke, kubera iki, mumushire ahantu aronkaakayaga. Ni vyiza. Uh-uh. Murabona, nta mpweu zihari, murabizi. Ikiremwa muntu,umwe wese muri twebwe arekura indwara imwe kuburinganire bungana square feetnyinshi. Nimba mufise, hari umuntu kanaka afise amazi hariya, canke ikintukanaka cogushira kuri mushiki wacu. A—a—ameze neza ubu. Murabona? Neza cane.[Mwene Data avuze ati: "reka tugume tugumize amadirisha yuguruye, mweneDataBranham."—Umw.] Ego, kumbure nimba mushobora kwugurura imiryango, kumbure,canke mutange akayaga gake, uko bishoboka kwose, ubutyo ubu canke ubundi,murabona.

39 Rero muri uyu mwanya, nk'uko naronse iri yerekwa,hanyuma nibajije ko navuye muri ubu buzima nja m'uguturubikwa.

Hanyumahaheze amezi indwi, hano ku Bitaro Clark County Memorial, barambaze ubugirakabiri. Kandi ico gihe, maze kugarukana ubwenge, nibajije ko nari mpagaze m'uburengero.Nagize irindi yerekwa. Kandi aho hari umusaraba munini w'inzahabu mu birere,kandi ubwiza bw'Umwami butemba buva kuri uwo musaraba. Nari mpagaze amabokoyanje ateze gutya, kandi ubwo bwiza bwariko bugwa mu gikiriza canje. Hanyumanda… Iyerekwa rirahera. Data yari yicaye aho anyihweza, igihe iyerekwa ryaza.

40 Namye igihe cose numva, mwe…. Abantu bose baribanzi iyi myaka yose, barazi ko namye igihe cose nshaka kuja m'uburengero.Murazi uko bimeze. Vyamye ari ibintu vyo m'uburengero. Ariko kubera uwuhingaw'ibigendajuru igihe kimwe yarambariye ikintu nk'ico nyene, ko ntegerezwa kujam'Uburengero… Inyenyeri, igihe zijambutse imizingi yazo hamwe n'ibindi, navutsemunsi y'ico kimenyetso, kandi sinokwigeze ndoranirwa m'Ubuseruko; nategerezwakuja m'Uburengero. Kandi umwaka uheze, naragiye m'Uburengero, gushitsa icariicifuzo ic'ubuzima bwanje, murabona, ku—kubikora.

41 Kubera iki ndi Hariya? Ni ikintu gisekeje cane.kuba hariya m'ubugaragwa, ndiha inzu y'idolari ijana na cumi buri kwezi, kandihari inzu iri hano nahawe y'Umwungere, murabona. Ariko ni ugukurikira Umwami,murabona, i—ivyo nivyo nzi vyo gukora. Kandi murazi amayerekwa n'ibindindivyabereye hariya. Ubu - ubu muri ibi nashaka kuvuga…

42 Ubu nimba mushiki wacu yumva acitse intege,mweneData Roy, hanyuma ara… ugashaka kumusohokana hanze ahantu kanaka hanyumaumwicarike mu cumba hariya, aho ashobora kuronka akayaga kenshi canke ikintukanaka, kandi ivyo ni vyiza cane, kubera ndumva ko araza kumererwa neza kanokanya, murabona. Ni vyiza. Yaravye gusa, ararwaye. Kandi rero nda—ndababwiye,hamwe yo… nimba mushaka kumuzana hano aho akayaga… duza aya madirisha,mweneData Roy, kandi nimba mushiki wacu ashaka guca hano, i—ivyo vyoba vyiza.Murabona, nimba ashaka kuza hano, vyiza, ntubitinye.

Ndashaka kumurambikako ibiganza niyaca hano. Mwese munyihaganire umunota umwe gusa. Kandi Imanaimbabarire kubwo… Ivyo, nivyiza mweneData.

Data uri mw'Ijuru, uyu mukobwa wawe hano, yicaye hano kano gatondo, kandi yajekwumviriza Ubutumwa, hamyuma ya…Satani ariko agerageza kubimutesha, arikontashoboye kubikora. Satani ntashoboye kubikora.

Uhezagirwemushiki wacu, mw'Izina rya Yesu Kristo. Ni vyiza. Neza, urya muryango, nibazakohamwe gato…?... beneData, rero akayaga karashobora kwinjirana hano, kurimwebwe.

43 Ô, muvuga ivyo kubura impwemu, mwoja muribimwe mu bibanza hakurya mu bindi bihugu vyo hakurya y'amazi, aho barundanabagerekerana, hamwe n'imibembe na kanseri. Kandi Ô mugenzi, uhema bigoraye, murazi, mubintunk'ivyo. Baryamye mumazu ma nini ma nini, bafise imigera y'indwara. Kandimurazi uko imibembe imeze. Hariya, barambaraye hariya amatwi yaravuyeko, kandiigice co mumaso carariwe, kandi atamaboko, uduhimba duto mukibanza c'ibirenge,n'ibindi nk'ivyo,barambaraye, bagerekeranye umwe k'uwundi. Kandi benshi muribobariko baracikana ahonyene, barambaraye aho, barambikanyeko, bageragezakwinjira ahantu kanaka, murazi, kwumva Ubutumwa.

44 Kandi ubu naho u—ubu kuri ibi, ndababwira ivyashitse. Mw'iyerekwa nagize, turabigarukako,kubera nazanyemwo ibi, aya mayerekwa abiri, kugira ndabereke rimwe muriyo. nategerezwakuba ndi m'uburengero. Namye igihe cose ndabishaka.

Kandi ubu, intumbero y'Ubutumwa kino gitondo ni kumenyesha ishengero, murivyose azonyemerera kumenyesha ishengero, uko nzi kwose, gushika i… uko ukongenda. Kandi kino kirankorako, rero nshaka kumenyesha ishengero. Rero, ibinivyo iri hema gusa, murabona, vya hano. Ubu hanyuma mw'iri yerekwa, iryambere,ng'ibi ivyashitse.

45 Inyuma y'uku nagize iyerekwa, kandi nari mfise integenke, kandi nari natakajeayo maraso yose, kandi…Nibajije ko nariko ndibira mu bihe bidashira bitagiraaho biherera. Benshi muri mwebwe muramaze kunyumva mvuga ibi, rero - reroninjira mubihe bidashira bitagira iherezo. Ubwambere nariko ndaca nko mubicu,hanyuma nca mu mwiza, hanyuma nibira manuka, hasi, hasi. Kandi murazi ikintucambere, ninjiye ahantu habazimiye, kandi indani aho naraboroze. Kandi narihweje,na hariya, vyose, ntafatiro vyari bifise. Sinashobora ghagarika kuguma nkoroka.Vyaboneka nk'aho naringiye gukoroka ibihe bidashira. Hariya ntaho guhagarara,ntanahamwe.

46 Rero mbega ukuntu vyari bitandukanye n'iyerekwa nagize hano, haheze igihe gitohano ryo kuba m'ubwiza n'abantu, ubudasa! Ariko muri rino, uko narikondakoroka, narahevye ndaboroga mpamagara papa. Koko kuba nari umwana, ico niconari ntegerezwa gukora. Narakomye induru ntabaza papa, kandi papa ntiyari aho.Hanyuma naraboroze ntabaza mama, nti: "Hagire uwunsama!" Nta mama yaryo hariya.Naguma gusa ngenda. Hanyuma naraborogeye Imana. Nta Mana yari iriyo hariya.Ntakintu nakimwe cariyo hariya.

47 Hanyuma inyuma y'akanya gato narumvise ijwi ricura intimba cane ntaribwo nigerenumva, kandi kwari ukwiyumva nabi cane. Nta buryo na bumwe…n'umuriro w'ukuri uturirawari kuba nk'umunezero ugereranije n'ukuntu hari hameze. Kandi ayo mayerekwantiyigeze aba ikinyoma. Kandi kwari kumwe mu kwiyumva nabi cane nigeze kugira,kandi ico nakoze…

Narumvise urwamo, rwumvikana nk'ibintu bimeze nk'impwe mbi. Kandi igihe vyaba, nararavye bariko baraza, bariabagore. Kandi bari bafise ibintu bisa n'icatsi kibisi, nashobora kubonaamasura gusa, kandi bari bafise ibintu bisa n'icatsi kibisi musi y'amaso. Kandiamaso yabo yasa nkayaja inyuma, nk'uku abagore basiga amaso yabo uyu munsi,bibandanya gutya, kandi amaso yabo gusa n'isura. Kandi baguma bagira bati: "Ôo, Ôo, Ôo, Ôo!" Ôh, mugenzi!

Naciye nkomainduru nti: "Ô, Mana, ngirira imbabazi.Ngirira imbabazi, Ô Mana! Uri hehe?Hamwe wondeka gusa nkasubira inyuma kandi nkabaho, ndagusezeraniye, kubaumuhungu mwiza." Rero ico nico kintu conyene narinshoboye kuvuga. Ubu, Imanairazi, kandi k'umunsi w'urubanza, izoncira urubanza kubw'ivyo navuze. Ivyo nivyonavuze nti: "Mwami Mana, nyemerera nsubire inyuma, kandi nzogusezeranira, nzobaumuhungu mwiza."

48 Kandi igihe naraswa,nari nabeshe, nari nakoze hafi vyose vyokorwa, kandi ikintu kimwe gusa mvuga…. Noshoborakubivuga neza mugihe ndi hano kano kanya. Kandi igihe naraba hasi hama nkabonako nari nakaswemwo hafi ibihimba bibiri naravuze nti: "Mana, mbabarira. Urazi kontarigera nsambana." Ico nico kintu conyene narinshoboye kubwira Imana.Sinaribwo nigere nakira ikigongwe caYo, hamwe n'ibi bintu vyose. Mvuze gusa,narinshoboye kuvuga gusa nti: "sindigera nsambana nsambana."

Hanyuma rero barantwaye hariya hanze. Hanyuma, muriivyo, narasemereye nti: "Mana ngirira imbabazi. Nzoba umuhungu mwiza, hamwewondeka gusa ngasubira inyuma," kubera nari nzi ko hariho Imana ahantu kanaka.Rero mfasha, ivyo biremwa birushe biri impande zose, nari nabaye nk'umuntuagishika ubwonyene. Ukuntu gushisha, guteye ubwoba, kwanduye muri… Vyaboneka nk'amaso manini cane, ibigohe birebirebigera nk'aha, kandi bishika inyuma nk'akayabu, nk'inyuma gutya; n'ibintu bisan'icatsi kibisi, kandi nk'aho vyaboze canke ibindi kanaka.

Kandi ba—barikobaravuga bati: "Uuuh,uuuh,uuuh!" Ô, mbegaukwiyumva! Rero ighe na…

49 Hanyuma haheze umwanya, nari nagarutse m'ubuzima busanzwe kandi. Icokintu cari canteye ibibazo. Naribajije nti: ", reka sinze nongere ahantu nk'aho, ntihagire ikiremwa muntu kizokwigerakija ahantu nk'aho."

Inyuma y'amezi indwi, nagize iyerekwa mpagaze m'Uburengero, kandimbona wa musaraba w'inzahabu uriko uramanuka uza kuri jewe. Kandi nari nzi kohariho ahantu habacirikwo iteka ahantu kanaka.

50 Ariko sinari navyitayeho cane gushika haheze hafi indwi zine. Umugorewanje…Sinari nigeze ndavyiyumvirako muri ubu buryo. Haheze hafi indwi zine, twen'umugore wanje twaragiye hepfo muri Tucson gusuma. Kandi igihe twari twicaye…Umugorewanje, twarinjiye munzu yo hasi, ka—kandi aho hari akagwi k'abahungub'utugoregore bafise imishatsi isokoje iryamirye inyuma, murazi, nka kumweabagore basokoza, hamwe n'imishatsi isokoje iryamye aha mugahanga, kandibambaye ibi bipantalo biduga cane, bimeze nka, ndibaza nka beatniks, canke ukwomuvyita. Kandi bari aho indani, kandi bose bariko

barabihweza, kandi imitweyabo yari minini, nk'iy'abagore bambara hano inyimosho yitwa “waterhead”(umutwe umeze nk'uwufise ubumuga urimwo amazi), murabizi. Kandi bari hariyahasi.

Hanyua umugore akiri muto yaregereye, hanyuma aravuga ati: “Wibazaiki kuri ivyo?”

Naravuze nti: “Mwategerezwa kwigirira isoni mwebwe nyene, nimbamushobora kwiyumvira ivyo.” Naravuze nti: “Arafise uburenganzira nk'ubwanyu bwokubikora. Nta numwe muri mwebwe afise uburenganzira.”

51 Rero naraduze munzu yo hejuru, hanyuma ndicarahasi. Kandi aho hari ingazi igenda, yari mu mangazini J.C. Penney, kandi iyongazi yadugana abantu hejuru. Noneho ndasesemwa, mbonye abo bagore baduze aho;abakiri bato, abakecuru, abatitayeho, abafise iminkanyari, abakiri bato, kandiuburyo bwose, bambaye utubutura duto; imibiri yabo yanduye, hamwe n'abo bagorebambaye impuzu zerekana imero y'imibiri yabo, bafise ivyo bitwe binini binini nkakurya, rero barashitse. Hanyuma umwe arava ku ngazi, aza nk'uku, aho narinicaye inyuma muntebe, nicaye hariya nunamitse umutwe.

52 Hanyuma narahindukiye ndaraba. Umwe muribo yarikoaraduga aravuga ati: “Huuh” yavugaururimi rw'iki espanyole abwira uwundi mugore. Yari umugore w'umuzungu avugishaumugore ava muri Espagne. Kandi igihe naraba. [ MweneData Branham akubise urutoke - Umw.]Naciye mpinduka Bukwi nabukwi. Aho, ivyo nari narabibonye mbere. Amaso yiwe, murazi uko abagorebabikora ubu, basiga amaragi ku maso, ubushize gato, nk'inyabu, murazi babisigahejuru nk'uku, kandi bambara amarori acapuye nk'amaso y'akayabu hamwe n'ibindi vyose, murabizi, hamwe n'amaso maremaregutya, hamwe na vyabirangi bisa n'icatsi kibisi musi y'amaso yabo. Ico carikakintu nabona igihe nari umwana. Uwo yari wa mugore neza na neza. Hanyumanaciye numva ikinya umubiri wose, kandi ntangura kuraba hirya no hino, kandiaho hari babantu bongorerana, murazi, baguma bavuga ibijanye n'ibiciro n'ibindimuri iyo nyubakwa. Kandi gusa na…

53 Vyasa nk'uko nari nahindutse kubw'umwanya muto.Hanyuma nararavye, kandi ndiyumvira nti: “Ivyo ni bimwe nabona i kuzimu.” Bariaho, kwa kubora. Nibajije ko ari kubera bari ikuzimu arico cabagize kuriya, ubururu buvanze n'icatsi kibisi musi y'amasoyabo. Kandi aho hari abagore basize ibirangi vy'ubururu bivanze n'icatsikibisi, neza nk'uko rya yerekwa ryavuze haraheze hafi imyaka mirongo ine.

Murabe, hafi imyaka mirongo ine, niko vyari bimeze.Mfise iyaka mirongo itanu n'ine; nari mfise imyaka cumi n'ine. Rero hafi imyakamirongo ine iheze, jewe… kandi ivyo i—i…ico ni igitigiri c'urubanza, ukwarikwokwose, murabona. Rero aho hari…

54 Narabonye ivyo kandi sinarinshoboye nokuvugisha umugorewanje igihe yashika. Yari hariya ariko aragerageza kugurira Sarah n'abanaibintu kanaka, nk'ikannzu canke ibikoresho vyo kw'ishure, kandi je si—sinashoborakandi…sinashobora no kumuvugisha. Yaravuze ati: “Bill, ufise ikibazo icahe?”

Naravuze nti: “Mukunzi, ndi nka…ndi umuntu asan'uwahwereye.”

Hanyuma arambaza ati: “Ufise ikihe kibazo?urarwaye?”

Naravuzenti: “Oya. Ni ikintu kanaka cabaye gusa.”

Ubu ntavyoazi. Ararindiriye iyi bande igaruke.Nta muntu n'umwe nigeze ndabibwira, kandi niyumviriye ko norindira, nk'ukonasezeranye, kuyizana kurusengero ubwambere. Murabona? Kuyizana kurusengero.Iryo ryari isezerano ryanje. Kandi muraza kubona inyuma y'uno mugoroba, impamvungerageza gushitsa isezerano. Murabona?

55 Naribajije rero, mbonye ayo maso asa nayaboze y'abo bagore. Aho hari, umunyaespanyekazi, umufaransakazi, n'umuhindikazi, hamwe n'umwera, kandi bose hamwe,ariko ivyo bitwe binini, murazi, imishatsi yasokojwe gutyo, hamwe n'ivyobisokozo, kwa kuntu bayisokoza bayiryamika inyuma, binini, hanyuma ikabonekahanze. Murazi, murazi uburyo bisokoza, ivyo bakora, bayifungira inyuma. Amasoyabo umengo ari mu kuntu kwo kubora, n'amaso asizwe amarangi, yari amezenk'amaso y'inyabu. Bariko baraganira, kandi nari ngaho, ku mangazini ya J.CPenney, i kuzimu kandi.

Na—na—naragize ubwoba. Nariyumviriye nti: “Mwami, koko sinapfuye, ariko nahobiruko wandetse ndaza muri kino kibanza.”

Rero bari aho, bakora…kumpande gutya, muri rya yerekwa gutya, washobora kuvyumvabigoranye n'amatwi yawe, murazi. Vyari ivyongoshwa v'abantu kandi bibandanya, hamwen'abo bagore baduga ingazi bongera bazunguruka hariya, na vyabindi“huuuh,huuh!” Ng'ayo amaso asa n'icatsi kibisi, aboneka nk'ayatangaje, kandi bacuraintimba

56 Hanyuma umugore yaraje. Nca ndavuga nti: “Ndeka jenyene gusa umunota umwe,mukunzi.” Naravuze nti: “Nimba ataco bigutwaye, nda - nda - ndashaka gutahamuhira.”

Yaravuze ati: “Urarwaye?”

Naravuze nti: "Oya, bandanya gusa mukunzi, nimba ufise ivyo gusuma."

Yaravuze ati: "Oya, nahejeje."

Hanyuma naravuze nti: "Reka ngufate ukuboko." Murabona? Hanyuma twarasohotse.

Yaravuzeati: "N'iki kitagenda neza?"

Naravuzenti: "Meda, Je—je—je… Ikintu kanaka cabaye hariya hejuru."

Kandi mugihe nari muri ivyo, nariyumviriye iki:"Tubaye mu gihe icahe?" Mbe uwu woba ari Umukwego wa Gatatu?" kano kanyandafise ivyo nanditse hano.

57 Yesu...Turasanga Yesu, mugikorwa ciwe, inyuma yo kubwira ubutumwa abantu…Ubu tugiyekwisunga cane ivyanditswe kuri ibi. Yesu ahejeje igikorwa ciwe, kandi igikoraciwe caranswe n'abantu. Kano kanya murasoma hagati y'imirongo, hama mukuremwoinsobanuro yanyu. Mwibuke ico nababwiye ubwambere. Ahejeje kuvuga ubutumwa…

Yaje nk'uwasezeranywe kubwa kiriya gihe. Tweseturabizi. Ivyanditswe bigaragaza Yesu Kristo nka Mesiya. Nivyo. Ashimangijwe,yemejwe neza n'Imana n'Ijambo ryaYo, ko yari Mesiya. Aho ntakibazo. Nimba hari uwubikekeranyakouwari we wese, nimba ukekeranya, rero utegerezwa kuza kugicaniro, nimba:"Ntiyari Mesiya." Yari yagaragajwe neza nka Mesiya. Ariko inyuma y'uku….nezaImana yaramugaragaje.

58 Nk'uko Petero yavuze k'umunsi wa Pantekoti, igiheyabwira ba banyekombe hariya, kuwugira kane… haheze iminsi hafi ine. Yaravuzeati: "Yesu umunyanazareti, umuntu Imana yashimagirishije kuri mwebwe ibitangazan'utwumiza n'ibimenyetso, ivyo Imana yamukoresheje hagati yanyu, ivyo tubereyeivyabona twese. Murabona? Mwarafashe, mubambisha amaboko y'abagarariji Umwamiw'Ubugingo; uwo Imana yazuye, kandi yerekanye bino bintu mubona." Murabona?Kristo yarabayeho. Atankeka n'uyu munsi aracari muzima.

59 Rero inyuma y'uko Yesu yari yaje atagukekeranya, yarigaragajewenyene, Imana yaramugaragaje, kandi yaravugishijwe. Hanyuma inyuma y'iminsiy'ukuvugishwa kwiwe, naho yagaragajwe n'ivyanditswe, abantu baramwanse. Ivyo ni vyo. Kandi rero yaravuzeubutumwa aho inyuma y'aho bamushiburiye, abari bashobora gukizwa. Muribuke,igihe yariko aravuga Ubutumwa hariho akaryo kogushobora gukizwa kuri buri wese.Ntituzi abo ari bo. Baratoranijwe kuva kera. Ariko yagumye avuga ubutumwa.

60 Ariko inyuma y'iminsi y'ivugabutumwa ryiwe.Igikorwa ciwe carabandanije, kubera umugwi wayuma Yabwiye Ubutumwa wariimishaha iri ikuzimu, itashobora kubabarirwa. Nabisomye neza muri Bibiliyahano, kuva muri 2Petero. Murabona? Yaragiye kandi arabwira ubutumwa imishahayari mugasho, ariyo kuzimu, yugaranywe gushika k'Umunsi w'urubanza.

Kubera, murabona, urubanza si ubu, kandi ntakuzimuyaka umuriro ihari ubu. Umuntu kanaka akababwira ati: "Wamuntu ari ikuzimum'umuriro ubu." Ni ikinyoma. Murabona? Umucamanza w'iy'isi aragororotse cane kugirantiyigere acirako iteka umuntu imbere y'uko amujana m'urubanza. Kandi Imanantizokwigera iterera umuntu mw'itanure ry'umuriro gushika abanje guciribwakoiteka n'amategeko y'Imana ubwayo. Yarashibuye imbabazi, rero, murabona,ategerezwa ubwambere guca murubanza, kandi urubanza ni ya Ntebe Nini Yeray'Urubanza. Ariko ubu ari mu kibanza citwa inzu y'ibohero

61 Nk'uko nabonye iyerekwa ry'ivyo bibanza vyose,kandi kubw'Ubuntu bw'Imana… mvuze bino Atari kugira vuge nabi ivy'Imana, kandinimba ari ikinyoma, Imana imbabarire. Ndizera ko nagiye muri ivyo bibanzavyose. Kandi narabonye abacunguwe, abahezagiwe; kandi narabonye abazimiye naho bari bari. Kandi nico gituma mpagaze nkamweneSo, uyu munsi, kubagabisha ngo muhunge inzira ija ikuzimu. Ntimuzigeremufata iyo nzira. Kandi murafise vyose kugira mubeho kubw'irya nzira ihezagiyeija mw'Ijuru, aho abacunguwe bari m'umunezero n'amahoro, kandi ntibashoboragucumura. Ntibashobora kwicuza. Ntibashobora. Hariya, ntakintu nakimwe kiriyo,baratunganye. Narabonye ivyo bibanza vyose!Ndazi ko ari imvugo iteye ubwobak'umuntu, ariko, Imana Yo mucamanza wanje, ndizera nshimitse ko narabonye ivyobibanza vyose. Nda—ndavyizera.

62 Kandi, Ô, kibe kurey'umuntu uwariwe wese kutinjira aho hantu habazimiye! Iyaba mwari muhagazebabacumise intsinga zishushe, mubabajwe m'uburyo bwose, ntivyogereranywa n'ukwokubabazwa n'idayimoni biri mw'ico kibanza. Ivyiyumviro vy'umuntu ntivyoshobora,ivyiyumviro vy'umuntu ntivyari gushobora gutahura uko aho hantu habazimiyehameze. Ntaburyo na bumwe bwo kubisigura. Kandi ntaburyo na bumwe buharibwogusigura uko ahantu habahezagiwe hameze, birahambaye cane. birateye ubwobacane, kandi iki ni ciza cane - cane, ni kuva ku giteye isoni kugeza kuri cizacane. Rero hamwe hogira uwunyumva…

63 Kandi ndiko ndaba umuntu ashaje. Sinzi igihe nsigaje. Vuba ndakwizaimyaka mirongo itanu n'itanu. Kandi si - sinzi, bivanye na kamere, ndashoborakutazogira imyaka myinshi cane. Sinzi aho iyi bande izoja.

Ariko umwe weseniyumve, hano cokimwe no kuri bande, canke ahandi hose izoshobora kuja. Ntimuzemwerekeze murico kibanza c'abazimiye. Ntimushobora kwibaza ukwo kuntu ikuzimu arihabi. Kandi ivyo mukora vyose, ntimukagire nakimwe….mwibagire ibi, ko aho hantuh'abahezagiwe… nari kuvuga ibi, hamwe n'umweranda Paulo "Ivy'ijisho rutigezekubona, n'ivy'ugutwi kutigeze kwumva, ibitigeze kwinjira m'umutima w'umuntu,vyose Imana yabiteguriye abayikunda." Rero hagarara, nimba uriko wumviriza kuribande, zimya imashine, kandi wihane nimba utakijijwe, hama utunganye n'Imana.

64 Ndiko mvuga bino biciye k'uvyo nacishijwemwo ubwanje, nk'uko nizeram'umutima wanje. Kandi ndavuga, nimba amayerekwa yaranzimije, Mana mbabarirakuvuga ibintu nk'ivyo. Ariko n'ubunyakuri mu mutima wanje, nzi neza koatanarimwe mumayerekwa ryabeshe, ndizera ko nagiye muri ivyo bibanza vyose.Ntibikake ko hagira umuntu yerekeza muri iyo nzira imanuka ikuzimu!

65 Rero, Yesu, inyuma yo kurangiza igikorwa ciwe, yabwiye ubutumwabwiza iyo mishaha itashobora kurokoka, itashobora nagato gukizwa. Rero Bibiliyairatubwira ivyo. "Yaragiye kandi abarira Ijambo ry'Imana imishaha yarimw'ibohero, niyo itihanye." Igihe bahabwa imbabazi, barashibuye izo mbabazi,kandi ubu barindiriye Urubanza. Ô,mbega ukwo ico gihe gitegerezwa kuba carikimeze! Ô, iyaba hari uburyo nari gushobora kunyiganza isi nkoresheje ico, kugira ndabereke ukori ukuri!

66 Kandi Yesu yaravuze ubwiwe ati: "Nk'uko Datayandungitse, rero ndabarungitse." Rero nk'uko Data yaMurungitse kubwiraUbutumwa bwiza a—abazima, kurabo bari bafise ivyizigiro, hanyuma kandi gushiraUbutumwa abo batagira ivyizigiro, biboneka bikwiranye, kino gihe, ko binobitegerezwa kuzokoreka, kubera Mpwemu wa Kristo aba muri twebwe ntahindurakamere kiWe, canke ntahindura umukorere w'Imana. Ategerezwa kuba ari wawundinyene muri buri runganwe. Ategerezwa kuba wawundi nyene. Yaravuze ati: "Nk'ukoData yandungitse, nanje ndabarungitse."

67 Ibikorwabitegerezwa kuba co kimwe, kurugero rw'aho Yavuze…. Ndiko ndabona bamwe murimwebwe mwandika ivyanditswe. Yohana Mweranda 14:12, "Uwunyizera, ibikorwa nkoranawe azobikora." Murabona, "Ibikorwa," kubwira Ubutumwa bwiza imishaha yazimiye,gukiza abarwaye, hanyuma kuri abo bidashoboka ko bakizwa. Murabona? Igikorwacarabandanije neza kwakundi nyene. Rero, bino vyabaye, (ese ibi vyarabaye?)noshobora kubivuga gutya, igikorwa ca Yesu Kristo cari mw'Ishenhero ryiwe murikino gihe ca nyuma. Ivyo nivyo benshi mri twebwe twizeye. Nsizera hamwe na we.Ndizera ibi. Nimba ntavyizera nokora ikindi kubijanye navyo Kandi nimba Mpwemuw'Imana ari muri mwebwe, utegerezwa kwegwa kubijanye n'abantu.

Hari Icanditswe camye igihe cose kicanganya, ukuntuurya Mose yashoboye guha Imana iciyumviro ciza gusumba ico Imana yari ifise,gushika mbonye ko yari Mpwemu wa Kristo muri Mose. Murabona?

Imana yaravuze iti: "Mose, itandukanye nabo. Ngirandabarimbure bose, hanyuma ntangurane nawe."

68 Yaravuze ati: "Mwami!" Yitambitse mucanzo,yaravuze ati: "Nyica. Uhanagure izina ryanje." Kubwa bano bantu nyenebagararije, umutim wiwe wari kuri bo. Murabona?

Kandi igihe umuvugabutumwa ashize umutima wiwe kubantu… Ni gute narigushobora kwiyumva ntsindanishirijwe kuvyanje…imbere y'Imana, kandi no kurijewe nyene, kunyegeza ikintu icarico cose abantu ukunda kurusha uko wikundawewe nyene. Ni gute umuntu ashobora kwinjiza umuntu m'urusengero akoreshejegufatana amaboko, canke ugusukwako amazi, canke umubatizo kanaka w'ikinyoma,canke ibindi, kandi akabareka bakaguma musi y'akosho k'ikinyoma kandi azi koBibiliya iri hariya, hanyuma akavuga ko akunda uwo muntu?

Naho notegerezwa gusabiriza ibimbeshaho, icaricocose, reka mbe imvukakuri ku Mana n'abantu, kubabwira ukuri. Ntiwigere undekango mbe uwuzimiza. Ni gute nozimiza uwo nkunda? Naho ntegerezwa kubababaza,ariko kandi ndabakunda. Nico gituma mukubita urushi umwana wanyu, nikuberamumukunda. Atari kubera mutamushaka; kubera mumukunda. Nimba yakoze amakosa,bazomwica hamwe mutomukosora.

69 Rero, niko igikorwa cari kimeze. Nk'uko cari kiri,n'uyu munsi niko kiri. Vyarigishijwe, kandi biremezwa m'uburyo bwose n'Ijambo,ko adashobora kuba umuntu, bitegerezwa kuba Imana. Bitegerezwa kuba. Raba neza,vyabimenyetso nyene vya Mpwemu Yesu yakoze, vyongeye kuba kw'isi mu minsiyanyuma. Vyabimenyetso nyene vya Mpwemu vyaMugaragaje nka Mesiya, vyaMugaragajeuyu munsi. Aracari Mesiya! Vyabimenyetso nyene bigaragara vyabonetse kw'isi, ivyoyaseruye, ico yari ari. Ya Kkingi y'Umuriro nyene iyo Umweranada Paulo yabonye,irya nyene, ivyo vyose vyongeye kuba bifise yakamere nyenye muri yo, ikoravyabindi nyene.

70 Yesu yavuze ko ataco yakoze nakimwe gushika Dataamweretse. Kandi Data niMpwemu Yera, turatahura ivyo. Ni igikorwa c'Imana gusa. Nimba Atari uko nindemuri bo ari Se wa Yesu Kristo? Yesu yavuze ko Imana yari Se, hanyuma Bibiliyayaravuze ko Mpwemu Yera yari Se. Uburero ntushobora kumugira umwana w'ikivyarwa, rero Mpemu Yera ni Imana, kandiYesu yari Imana. Rero,Imana, Data, Mwana na Mpwemu Yera ni…ni i… Ivyo ni ibikorwa bitatu vy'Imana imwe. Ni ibimurangabitatu, Imana

imwe.

Uri igice c'Imana, kandi ndi igice c'Imana, murabona; ariko sindi Imanayose, kandi nawe nturi Imana yose. Murabona? Murabona?ni ibiranga Imana kuritwebwe, nk'abahungu bagizwe samuragwa na Yesu kristo. Ari we Mana ubwayo yambayeumubiri, kugira idupfire.

71 Rero, Mpwemu Yera igihe cose yaramwereka ibigiye kuza, kandi ntiyigezeabesha. Vyaba igihe cose bitunganye. Nivyo? Ntiyishira hejuru ubwiwe. Yashirahejuru Imana. Yaravuze ati: "Umwana ntaco ashobora gukora yigeneye uretse icoabonye Data akora." Kandi Data, Mpwemu Year yari Se. Nivyo? "Yosefu, muhungu waDawidi, ntutinye kwabira Mariya umugore wawe, kukw'awaye inda ya mpwemu year."Ariwe yari Se. kandi Mpwemu Year yareretse Yesu ibigiye kuza, yaramubwiyeibintu vyabaye.

Kandi yari Imana Muvugishwa. Kubera Ijambo ryUmwami riza gusakumuvugishwa; yerekana ko amajambo yaje, mumero ntoya, abavugishwa bandika ivyo

Umwami ababwiye. Ariko ntanakimwe yanditse, kubera yari Jambo. Yari Ijambo.

72 Raba neza, wa Mpwemu Yera nyene yaba muri We, "Hasigaye igihe gito,ab'isi ntibabe bakimbona; ariko mweho muzombona; kubera nzobana namwe, ndetseno muri mwebwe, gushitsa kw'iherezo ry'isi. Nzobazako," niko yavuze. "Jewe", yari Data yari muriWe, "azobazako." Kandi yaravuze ati: "Mpwemu Year niyabazako, Azobahishuriraibi bintu nabigishije, kandi azobereka ibigiye kuza." Ng'ivyo.

73 Reroturabona ko, nk'uko Mpwemu Yera yakoze mw'Ishengero kiriya gihe, niko MpwemuYera yakoze neza na neza ivyo bintu nyene uyu munsi; amenyesha akoreshejeInkingi y'Umuriro, neza na neza nk'uko vyari biri muntango, ca kintu nyene.Kandi abonye iki kiza kuri Yesu, Yohana yarabitangaje k'uruzi rwa Yorodani.Kandi yarerekanye vyose, n'amasanamu y'ubuhinga yavyo. Ivyo ntibishoboraguhakanwa. Vyaremejwe n'ivyubuhinga. Vyari ibifadika. Ntivyari iciyumviro c'umigani.Ntivyari ivyo m'ubwenge. Nk'uko George J. Lacy yavuze ati: "Ijisho ry'icumagifata amasanamu ntirifata ivyiyumviro. Umuco wakubise ico kintu."

74 Kandi bimeze gute kuri mwebwe shengero, ko hahezehafi amezi atandatu canke umunani hano, kandi mpagaze hano, navuze nti: "NI KOUMWAMI AGIZE, ndagiye i Tucson muri Arizona. Hariya hazoba uguturika, kandiAbamalayika ndwi bazoseruka." Muribuka?[ Ikoraniro rivuze ati: "Amen."—Umw.]Atari na… Imana yabigize ibinyakuri cane gushika aho ikinyamakuru Look gifata amasanamu ya vyo. IvyaMpwemu, vyabonywe mbere, vyagizwe ibifadika neza na neza kwakundi, babaMalayika indwi, bazanye ugushitswa kw'ivyanditswe vyose. Kubera, amabanga yoseya Bibiliya yose ari mu Mashashara Indwi. Turazi ko Ico ari I—Igitabu,kimatanije, hamwe n'Ico vyose biratunganijwe. Ni ibanga ry'Igitabu cose, ryashizwemuri ayo Mashashara Indwi, ivyo Umwami yemeye ko tuzana.

75 Kandi hari abagabo bicaye hano, uyu munsi, barihariya barikumwe nanje igihe vyashika. Ikinyamakuru Look caremeje ivyo bintu nyene, ko vya—vyabaye koko. Kubera niImana yari yarabivuze. Yari Imana ihagarariye Ijambo ryaYo, kugira irishitsemugihe yavuga ko izobikora. Kubw'ivyo, si umuntu kanaka, umuntu w'umubiri nkajewe ubwanje, ndi hagati ya mwebwe abantu. Ni Uhoraho Imana.

Ikoresha abantu. Ukwo ni ukuri. Ntakintu nakimweikora idakoresheje abantu. Turabona ivyo. We, ni—ni umukozi waYo. Nico yahisemwo.Kubera iki, ntavyonzi. Yari Ishoboye gukoresha izuba kuvuga Ubutumwa bwiza.Yari gushobora gutuma umuyaga kuvuga Ubutumwa bwiza, yarishoboye gutuma umuyagagukora ibintu, ariko yatoranije abantu.

Ico cari iciyumviro caYo, ko umuntu yobwiyemugenziwe, ati we ubwiwe, ariko, "Ijambo ry'Umwami ryaje kubavugishwa,"abavugishwa, abavugabutumwa. Kandi uwuvugishwa ahakana Ijambo ryo kunkomoko,yoshobora gute kuba umuvugishwa w'ukuri? Murabona? Ntashobora kumuba, kubera arikoarahakana Ukuri kw'Ijambo. Kandi rero, nimba Atari ukwo, rero rino Jambo ubwaryo,nk'uko ryigishijwe m'ukuri kw'Ijambo hamwe no m'ukuri kwa Mpwemu Yera,rizogaragaza buri sezerano ryose ryasezeranywe. Uko niko tumenya nimba ariukuri canke Atari kwo. Ivyo nivyo Yesu yavuze ati: "Nimba ntakora ibivyanditwekuri jewe ko nokoze, Murabona? Rero nimurabe bino bintu.

76 Mwibuke, Amashashara Indwi yaraherahejwe, kandiigihe ukwo Kuri Indwi kwahishurwa…

Kandi rimwe muriyo, ntiyatwemereye kukumenya.Twebwe… Nibangahe bari hano mugihe c'Amashashara Indwi, kandi bayumvise? Mwese,ndibaza. Murabona, Ishashara ry'indwi, ntiyemeye ko turimenya.

Yahagaze neza hariya mucumba hanyuma arahishuraburi rimwe ryose muriyo. Kandi nimba narigeze kuvuga ubutumwa ku kintu kanakamubuzima bwanje, cari gihumetswe, cari ico. Kandi ico gitegerezwa kubaumwizigirwa kuri mwebwe. guhagarara hano no kubabwira ko bigiye gushika, hanyuma ngend neza hariya,kandi n'ivyo ubuhinga, hamwe n'ibindi vyose, ubushakashatsi hamwe n'ibindi,ibanga k'ubantu, yaragaragaje ko vyabereye neza hariya. Hanyuma naragarutsekandinndavyumva bihishuwe, kandi vyemeza buri jambo ryose. Mbega tubaye mugiheicahe? Tugeze he?

77 Kandi ndibuka, muri ririya Shashara rya Gatandatu,aho, Inzamba Indwi yose yaturagaye musiy'Ishashara rya Gatandatu. Nitwashika kuri ivyo muzobibona. Inzamba (indwi) yoseyavugiye muri ririya Shashara rya Gatandatu.

Indwi igihecose camye ari ibanga. Ihweze iryo ndwi,ni iherahezwa. Kwari ukuza kw'Umwami.Ijuru ryari ritekanye, agacerere, ntanumwe yanyiganga. Kubera Yesu ubwiwe yaravuzeati: " Nta n'Umumalayika wo mw'Ijuru azi aho nzogarukira. Na Jewe ubwanje sinziigihe. Data yashize ivyo muvyiyumviro vyaYo." Imana yonyene niyo Izi igihe,Mpwemu. Yaravuze ati: "Sinabimenye." Rero aho, ntivyahishuwe. Igihe inzamba y'indwiyavuga…canke Umumalayika w'Indwi, I—Ishashara ryari ryuguruwe, rero haciye habaagacerere mw'Ijuru. Murabona, nti cahishuwe, icari kuzoba.

78 Ariko mw'Ishashara rya gatandatu, aho iyi inzambaindwi yugururwa, mwibuke, muriryo, turasanga Umwagazi yaraje, aseruka. Yariyavuye ku Ntebe y'Imbabazi. Igikorwa ciwe co gucungura cari caheze. Kandiyaraje hanyuma arafata Igitabu agikuye m'ukuboko kw'iburyo kw'Iyari yicaye kuntebey'inganji, kandi "ntagihe kigisigaye". Kandi ubwonyene Umumarayika yaraserutsemugice c'indwi, canke mugice ca cumi umuronngo w'indwi avuga ati…Uwo muMalayika aramanuka kandi arahira ko "atagihe kigisigaye."

Ariko, murabona, muri kino Gitabu harimwo abaribaracunguwe. Cari Igitabu c'Ugucungurwa. Kandi ico cose yacunguye caricanditswe muri ico Gitabu. Kandi abo yapfiriye bose bari banditswe muri icoGitabu kandi ntiyari gushobora kuva ku Ntebe yiwe y'Ubuvugizi gushika aherahejegucungura. Kandi ntiyarashoboye kugicungura ku Musaraba, kubera baribaratoranijwe kuva kera mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'intama, kandiyategerezwa kuguma aho kugira akore igikorwa c'ubuvugizi gushika wa muntuwanyuma aherahejwe. Ubwiza!

79 Ariko umunsi umwe yarahagurutse ava aho, aragenda.Igitabu cari hehe? Cari kikiri kuri Nyeneco bwite, Imana Mushobora vyose. KandiYohana yararavye hirya no hino, yaciye arira, kubera nta muntu n'umwe yariabereye no kuraba kuri ico Gitabu, kandi cane cane kubumbura Amashashara, ngoahishure ico ibanga ryari rinyegejwe ryari.

Amabanga yari mu Mashashara Indwi. Igihe ayaMashashara Indwi yari yuguruwe, ivyo vyuguruye Bibiliya yose. AmashasharaIndwi; yari yugawe n'Amabanga Indwi, kandi muri ayo Mashashara Indwi harimwoibanga ryayo ryose. Kandi cari Igitabu c'Icungurwa, isezerano Rishasha.

Atari Isezerano rya Kera. Ryatangaje gusaIsezerano Rishasha. "Bagizwe… ntibashoboye gutunganywa tutarimwo," Abaheburayo11. Murabona? Murabona? Rero, ugucungurwa kwaje igihe Umucunguzi yapfa. Kandibari mu buryo kanaka musi y'amaraso y'imyagazi y'intama, Atari ay'Umucunguzi,ntibaribwo bacungurwe, gushika Umucunguzi aje.

80 Murabe rero igihe uyu Mucunguzi… Yohana yararavye,kandi aho hari hicaye Imana ku Ntebe y'Inganji, n'Igitabu m'Ukuboko kwaYo, caricaramatanijwe n'Amashashara Indwi, kandi umugambi wose wo Gucungura wari murico.

Kandi cari caratakajwe n'ikiremwa muntu , Adamu.Kandi Imana… casubiye hehe? Satani ntiyarashoboye kugitora; yatumye gusa Adamuagitakaza. None Igitabu caciye kijahe ico gihe? Nticegukira ikiremwa untu. Imihezagirontiyari iy'aha; hano umuntu yaragitakaje. Rero casubiye kuri Nyeneco wokunkomoko, nawe yari Imana.

Yari yicaye aho Igifise, kandi Yarahamagaye umuntukanaka, umuntu kanaka, kuza kandi agikomoze.

81 Yohana yararavye hirya no hino, kandi aho ntamuntu n'umwe mw'Ijuru, nta muntu n'umwe kw'isi, nta n'umwe, nta Mumalayika,ntanakimwe cari gishoboye gufata Igitabo canke ngo amatanure Amashashara, cankeno kukiraba gusa. Nta muntu n'umwe yari abereye. Yohana yavuze ko yarize cane.

ReroUmumarayika yaraje kuriwe, aramubwira ati: " Ntaco urira, Yohana, kuberaintambwe yo m'umuryango wa Yuda yaranesheje, kandi Arabereye."

Hanyuma Yohana yararavye kugira abone umwagazi…canke ngo abone intare, none yasanze ari iki? Umwagazi, kandi wari Umwagaziujojota Amaraso, Umwagazi wakerew. Ryari? Kuva kw'itanguriro ry'isi

Umwagazi waregeye imbere, aratambuka aja kuri IyariIfise Igitabu m'ukuboko kwaYo kw'iburyo, kandi yabira Igitabo; aduga kuntebey'inganji aricara. Ni ivyo. Vyaheze (ryari) igihe Amashashara yari ahishuwe.Igihe iryanyuma, ivyo vyari vyose, ivyo yacunguye, aho nta nakimwe…Yajegucungura.

Ati: "Kubera iki atabacunguye mu myaka mirongo ineiheze? Mu myaka ibihumbi bibiri iheze?"

82 Murabona, amazina yabo ari mu Gitabu c'Ubugingo,muri ico Gitabu. Kandi yategerezwaguhagarara hano, kubera yari intumbero y'Imana kubacungura. Amazina yabo yariyarashizwe mu Gitabu C'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama imbere y'itanguriro ry'isi.Umwagazi yashizwe hariya hamwe naco, kugira ukererwe. Umwagazi w'Intama uraje,igihe wari wakerewe, ugarutse gukora igikorwa c'ubuvugizi.

Ni mumwihweze! Aho hazoba ukwigana kwinshi, n'ibindivyinshi, ariko vy'ukuri aho hariho umuntu kanaka yokijijwe, kubera we…Ishengeroryari ryaratoranijwe kuva kera kuba ritagira agasembwa canke amarabaga.Rizobaho. Kandi Umwagazi w'intama wapfuye kubw'iyo ntumbero. Kandi rero igiheizina ryanyuma muri ico Gitabu ryari ricunguwe, Umwagazi w'intama yaraje afataico Gitabu, "Ni Jewe nabikoze!"

83 Ba Bamalayika, ba Bakerubi, Ba batama mirongo ibirina bane, vya binyabugingo, ibindi vyose, bariyambuye ibitsibo, ikubita hasi imbererya ya Ntebe y'Inganji, hanyuma baravuga bati: "Urabereye!"

Yohana yaravuze ati: "Ikintu cose mw'Ijuru no mw'isicaranyumvise nsemera, 'Amen', nkoma induru, 'Halleluya,' kandi nshima Imana."Ugusemerera kwaraduze hejuru. Kuberiki? Amazina yabo yari mu Gitabu categerezwaguhishurwa, kandi Umwagazi w'Intama yaragihishuye.

84 Umwagazi Yaragicunguye, ariko ntiyari gushobora kubandanyagushika buri zina ryose rihishuwe, kandi ivyo vyariko biba mw'Ishashara ryaGatandatu, imbere y'uko iry'Indwi rimenwa. Hanyuma uwutagira amarabaga… HanyumaUmwagazi yaraje kubwo abo yacunguye. Yaje gukomoza ico yacunguye. Yaje gukomozaico yacunguye. Yamaze kuba agifise, neza hano mu Gitabu, yagikuye m'ukubokokwaYo. Rero aje kwakira ico yacunguye. Nico gikorwa ciWe. Yahejeje. Yajekucakira.Ô,mbega - mbega igihe! Yaravyemeje, Amashashara Indwi aravyemeza. Yaragarutsehanyuma arafata Igitabu c'Ugucungurwa!

85 Raba neza, bwari Ubutumwa bw'Umumalayika w'Indwi,bwategerezwa guhishura iry'Indwi, Amashashara Indwi. Ivyahishuwe 10: 7, rero,murabibona. Murabona?

"Hanyuma yabonye uyu mu Malayika amanuka, ashiraikirenge ciwe kw'isi no ku kiyaga,"uwo yari Kristo, "afise umunywamazi hejuruy'umutwe Wiwe." Mumurabe neza, muzomusanga kandi mu Vyahishuwe 1, "afiseumunywamazi hejuru y'umutwe Wiwe; Yasa n'akabuyenge kitwa yasipi n'akitwasarudiyo," hamwe n'ibindi. Araje, ashira ukuboko kumwe… "Ukuguru kumwe kw'isi,ukundi hejuru ku mazi; atunga ukuboko kwiWe hejuru. Yari afise umunywamazihejuru y'umutwe wiWe,"kandi. Iryo ni isezerano. Yari Umumarayika w'isezerano,nawe yari Kristo; yacishijwe bugufi aba muni y'Abamalayika gato, kugiraababazwe. Araje, "Kandi atunga ukuboko mw'Ijuru, hanyuma arahira Ibaho ibihe bitazoshira",Uhoraho,Imana Data, "Ntibigitevye" igihe bino bibaye. Vyaheze. Vyarangiye.Vyaherajwe.

86 Kandi ivyanditse bivuga biti: "Kandi mu - m'Ubutumwabw'umumalayika w'indwi wo kw'isi," intwarabutumwa iri kw'isi, igihe c'indwikndi canyuma c'Ishengero, "mu ntago z'igikorwa ciwe," igihe gitanguye kw'isi,ako kanya, "ibanga ry'Imana, ry'Amashashara Indwi, ritegerezwa kuba ryaramaze kumenyekana muri ako kanya." Ubumurabona aho tugeze. Birashoboka ga bagenzi, birashoboka? Murabe, birashoboka.

87 Abacunguwe bose mu Gitabu, yaje kubacungura.Abategerezwa bos e gucungurwa bari mu Gitabu, baratoranijwe mbere imbereitanguriro ry'isi ritarashirwaho. Yaje kubacungura. Abo yacunguye bose bari banditswemwo.

88 Nshaka kubabaza ikibazo. Kandi mwebwe mukurikirana bande,mwumvirize neza, ayo maso ateye ubwoba, uryam utwe uteye ubwoba kubona,vyoshobora kuba ariyo mpamvu ubu Butumwa bwabaye ubugwanya cane abagore bomugihe ca none? Mbega ubu bushobora kuba ari Ubutumwa bwa wa mu Malayikawanyuma? Mbega yavuze iki hariya hepfo k'uruzi, haheze imyaka hafi mirongoitatu n'itatu? "Nk'uko Yohana yarungitswe," murabona, "kumenyesha ukuza kwambere kwa Kristo, Ubutumwa bwawe buzomenyesha ukuza kwa kabiri." Kw'isi yose,kandi ivyo nivyo bwakoze, rero ukwo kuza gutegerezwa kuba kwegereje. Mwihweze ibirikobiraba ubu.

Kubera iki? Nariyagaje m'umutwe. Narihindukijek'umusego wanje. Naragendagenze hasi. "Ufise ingorane nyabaki?"

89 Haraheze iminsi mike, narabajije abagabo twarikumwemu modoka. Igihe kimwe narabajije Jack Moore. Kandi mwesemuramuzi mweneData Jack Moore. Ngiye iwe muri Shreveport. Naravuze nti:"MweneData Jack, warambereye umugenzi akomeye naronse kw'isi." Kandi imbere y'ukondamubaza, nabanje kubaza umugore wanje.

Nimba hariho uwariwe wese azi ikintu icarico cose kuri jewe, ibitameze nezavyanje neza hamwe - hamwe n'ibindi vyose, ni umugore wanje, murabona, umukunzi.Umunsi umwe naramubwiye, naravuze nti: "Mukunzi, nk'umugabo wawe, ndi umuvugabutumwaw'Ubutumwa bwiza. Sinshaka gukoza isoni Uwo nkunda. Oya. Sinshaka kukubabaza.Sinshaka kugukoza isoni namba. Imana indinde sinze nigere ngukorera ikintuicarico cose cokubabaza. Mbega ni kangahe birushirije kuikintu cari co cosecobabaza Imana, ese ukuntu ndaYikunda cane! Uri umugore wanje; ni umucunguzin'Imana yanje. Ndashaka kukubaza ikibazo. Ntuce kuruhande. Mbwiza ukuri."Naravuze nti: "Ese narize cane…"

90 Kandi naribajije. Ndi, ndi—ndi uwigira, atwegenje, yiharije. Ndabizi ivyo. Umwewese yaravuze ati: "Mbega umuntu!" Neza, murabona, ntushobora kwigira. Uri icouri, kubw'ubuntu bw'Imana

Hanyuma na—na—naravuze nti: "Ese noba naratakaje ubwenge gato, urazi, ka—kandinkaba narasaze." Naravuze nti: "Kubera iki ncira iteka abo bagore,ntahengeshanya, mugihe ndabakunda?"

Banyita, bavuze ko nari "Uwanka abagore," sinanka… ko "nanka abagore."Murabona? Sivyo. Ndakunda abagore, nshatse kuvuga ko ndabakunda nka bashikibanje.

Sinzobagaza m'umugongo, mugihe mbona ko muri mumakosa. Ivyo ndabibabwiye. Ndabakunda cane kubw'ivyo. Abagabo kanaka bokora nk'ivyo, n'urukundo rw'ubundibwoko. Murabona? Ndabakunda kubera ndakunda ico muri; muri umufasha w'umuhunguw'Imana, kandi muri igice ciwe, murabona? Kandi nda—ndagukunda kubera ko—kowaremwe mw'ishusho y'umugabo, kandi umugabo yaremwe mw'ishusho y'Imana, rerokubw'ivyo, mwese hamwe, muri umwe muri Kristo.

Nico giyuma ndagukunda. Ikindikintu cose, ntaco kimaze. Imana irabizi, ubuzima bwanje bwose. Murabona? Ivyonivyo. Ndabakunda. Kubera iki nohaguruka hanyuma nkaguma…

Igihe bavuga bati: "Mubwire abagore bose, igihe, nimba baza kuja kwuviriza mweneDataBranham avuga ubutumwa, basokoze imishatsi yabo ukundi gutandukanye. Bambareinkofero canke ikintu kanaka canke ikindi; kubera azoca atangura gukankamwakubijanye n'imishatsi migufi, kandi iyawe….Ntimwisige ibiragi," hamwe n'ibindink'ivyo. Ivyo nivyo bakoze. "Ivyo nivyo avuga gusa!"

91 Umuntu kanaka yaravuze ati: "Kubera iki uta…" Yaravuze ati: "Abantu barizera kouri umuvugishwa. Kubera iki utigisha abagore uko boronka ingabire zihambaye zaMpwemu, hamwe nibindi nk'ivyo, mugishingo c'ukugerageza kubigisha ibintunk'ivyo?"

Naravuze nti: "Hamwe batokwiga ABC zabo, bazomenya bate vya biharuro bivanzen'indome. Murabona? Ni mubanze mwitunganye.

Kandi uko nigisha Ubutumwa cane, niko bitera biba bibi gusumba. Hanyumamukavuga muti: "Kubera iki utabiheba?" Oya, Mushingantahe. Hategerezwa kubahoijwi, icabona kigwanya ivyo.

Umwe mu bantu bahambaye mu gikorwa c'ivugabutumwa uyu munsi, ntagihe kininikihaciye yarandambitseko ibiganza aravuga ati: "MweneData Branham, ngirandagusengere, hamwe wobinyemerera, kugira Imana izokure m'umutima wawe icokintu." Aravuga ati: "Uhe abagore amahoro muri ivyo bintu."

Naravuze, naravuze nti: "Uravyizera ivyo, mushingantahe? Uri umuvugabutumwaw'ubweranda."

Yaravuze ati: "Koko. Ntavyo nizera, ariko," ati: " Ivyo - ivyo ni ivyab…"

Naravuze nti: "Oya"

Yaravuze ati: "Ivyo ni ivy'Abungere."

Naravuze nti: "Ntavyo bariko barakora."

92 Umuntu kanaka ategerezwa kubikora. Uruzi rutegerezwakujabukwa. Urushato rutegerezwa gukurwako. Ntavyo nshaka kubikora. Imana iraziko ntashaka kubikora. Benshi muri abo bagore baragaburira abana banje, kandiboshika hafi yaho botanga ubugingo bwabo kubwanje. Uribaza, kandi Ubuntubw'Imana bwarasutswe na Mpwemu Yera, mwibaza ko nshobora guhagarara ntekanye nokubona urya muntu w'umutindi agenda yibira atagira ivyizigiro, ntasemereyen'inguvu zanje zose ndabigwanya?

Si ukugira mbe umunyamayeri cane; ariko impwemu yakino gihugu, impwemu y'ishengero, atari Impwemu ya Kristo, ubu; impwemuy'ishengero, idini, yarasutse aba bagore muri ya myanda hariya. Kandi ndi ijwirisemerera gusa riti: "Nimuveyo. Muhunge muve muri uwo mucafu." Ntimureke umubingo abakorere ikintu nk'ico. Ni amakosa!

Namwe Makoraniro y'Imana, mureka abagore, murekaabagore bagaca imishatsi yabo, ariko mukababuza kwisiga amarangi. Mu vy'ukurintacanditse kihari kibuza kwisiga amarangi, ariko kiriho kibuza guca umushatsiwanyu. Ntanabereye no gusenga imbere y'Imana, bibiriya irabivuga. Umugabo wiwearafise uburenganzira bwo kwahukana nawe kandi akamuheba. Neza. Yiyerekanaubwiwe mw'isi nk'umugore yanduye. Niko Bibiliya ivuga.

Aba akojeje isoniumugabo wiwe igihe abikoze. Uko niko Bibiliya yavuze neza na neza. Murabona?

93 Neza, arikoumugore ashirako amarangi, turasangaumugore yabikoze muri Bibiliya, umwe gusa. Yari Yezebeli. Yari uwo. Umuntu umwegusa muri Bibiliya yisize ibirangi, yari Yezebeli, kandi Imana ubwonyene yaciyeimugaburira imbwa zo mw'ishamba. Yacitse umuvumo, kandi ni… Ibintu vyose,ikintu cose kibi citwa Yezebeli.

Ntimugakore ivyo. Ntimukabikore. None n'iki kibatumakubikora? N'impwemu mbi.

Ntimubitahura. Ndazi ko mutabitahura. Muri - muriabantu beza birenze. Muri beza. Murandamutsa, mumbwire.

94 Ndabakunda. Ukwo ni ukuri. Ariko hamwe nobona ivyo,mbega sinoba mbaye inryarya…Paulo yaravuze ati: "Kuko ntacishije kuruhandembabwira ivyo Imana yagabiye." Ntihazagire amaraso y'umugore n'umwe azombazwakuri wa Munsi, canke ay'umugabo n'umwe. Narababwiye Ukuri. Kandi naransekubikora; Atari ukwanka kubera ntashaka gukora ico Imana imbariye gukora, arikondabakunda, sinshaka kubakomeretsa, none nzoca nkora iki?Ariko Urukundorw'Imana rutunganye ruzobatuma kubikora.

Yesu yaranasenze kugira ace ku ruhande umusaraba."Vyoshoboka ko igikombe kindengana?" yaravuze ati: "Nyamara, ntibube ubugombebwanje, ariko ubwawe."

95 Mbega ngiye gutegerezwa kuba uwo muntu avuga ibi? Esengiye gutegerezwa gufata abo bagore bagaciro bameze neza hamwe n'ibindi vyose,hanyuma ndabagire ubunywenye? Mbega niko ngiye gutegerezwa? Mbega ngiyegutegerezwa gufata baneData banje b'abakozi b'Imana, kandi mpagarare hariyahanyuma ndababarire ko bakunda amahera cane hamwe n'i—n'idini gusumba ukobakunda Imana? Jewe, mbwira benedatab'igiciro bashira ukuboko kwabo… Ô, ntegerezwa kubikora? Yo Mana, ntundeke ngo ndabikore.

Ariko sinacishije k'uruhande mukubabwira imigambiyose. Ni Urukundo nyakuri runtuma kubikora.

96 Ese n'ico gituma buno Butumwa bwabaye uku? Ntahandi na hamwe mw'isi buri. Burihehe? Neza cane. Baratinya. Murabona? Ariko vyabaye atabwoba. Neza. Imana igihecose imeze uko, murabona. Neza cane. Mbega iyi niyo mpamvu abagore bamyebakankamirwa n'ubu Butumwa? Ntazi ko, bitahishuwe. Naravyeretswe, arikontivyigeze binzako gushika hirya y'ejo. Murabona? Raba hariya. Neza cane. Kokobirahuye n'igikorwa.

97 Kano kanya ni murindire gato. Hoba harigeze kubaho mbere igihe aho isiyahindutse iy'umugore? Egome. Bijanye na kahise, mugihe ca Eliya, harihoumugore yitwa Yezebeli. Kandi yagize ubutware kw'Ishengero ry'Imana, ivyoBibiliya ivuga ko azokwongera mu minsi yanyuma; impwemu yiwe, biciyekw'ishengero, idini. Kandi azoba ari maraya, hamwe n'ayandi mashengeroyifadikanije nawe bazoba ba maraya, nezank'uko ari. Mbega n'ivyo?

Ivyahishuwe 17, havuga hati: "Ni maraya, kandi ni NYINA WA BA MALAYA." Abontibashobora kuba ari abagabo. Ni abagore. Murabona? Kandi bari baterewe aribazima mu kiyaga c'umuriro, kandi barahiye. N'ukuri? N'uko.

98 Mwihweze neza, igihe urya Yezebeli yagaragara, aho hari umugabo yahagurutsekubigwanya. Imana yazanye umugabo. Ntituzi mbere n'amamuko yiwe. Ntiyagira nakahise k'igikorwa. Ntiyigeze aba umuherezi canke ikindi cose. Yaraserutse,umutama akomeye yibera mw'ishamba yitwa Eliya, kandi yashize ishoka k'umuziw'igiti, kandi baramwanse. Atari abo gusa, ahuwo ikoraniro ryiwe ryoseryarawanse.

Kanyuma igihe kimwe yibajije ko ari wenyene. Yaravuze Iti: "Oya, ndacafiseibihumbi indwi bari kuruhande rwawe." Murabona? Uwo wari umurwi w'abatoranijwe,murabona. Hama hariho igihe cose uwo murwi. Yaravuze Iti: "Ntutinye, Eliya.Ndazi ko wiyumvira ko wahebwe, kubera amadini yakwirukanganye gushikakugasongero k'umusozi. Ariko Yaravuze Iti: "Ndfise ibihumbi indwi bizera ivyobintu nyene uriko urigisha. Urabona, ndabafise."

99 Kandi inyuma y'igihe ciwe, Roma yarafashe ubutegetsi, kandi hongera kubahoigihe isi iba iy'umugore, inyambaro zose z'a—z'abagore, ingene bagenda bambayeinkofero zabo hamwe n'ibindi, murabona. Kandi Imana yarahagurukije uwundi na yampwemu nyene, ya Mpwemu ya Eliya. Uko ni ukuri? Ishoka rishizwe k'umuziw'igiti."

Kandi aho indani hari umugore w'umushwanyi hariya, yari yarongowe…yari yaratayeumugabo wiwe, arongorwa na mwenewabo, Herode. Herodiyasi, kandi yari assizeibirangi hose m'uburyo bwa kiriya gihe, yaratamvye. Yari yarigishije umukobwawiwe gutamba. Yari afise umukobwa kuri se ya mureze, se yamureze; kuri se,mwenewabo. Herosias! Uwo yari umukobwa w'u—w'uyomugore. Rero yaramwigishije gutamba, aca acika umutavyi w'ukuri wo kwiyamburaimpuzu, nka nyina. Kandi yiyumvira ko ashobora kurongorwa incuro zine cankezitanu, agakora ivyo ashatse vyose.

100 Hanyuma Herode arasohoka. Bose bari Abayuda, ubu muvyibuke. Bari abantubasenga. Rero Herode arasohoka, hamwe n'ishengero ryiwe, kwumviriza uyumuvugishwa, abantu bari barizeye ko ari umuvugishwa.

Yaragiye atumbereye neza imbere y'amaso y'abo babiri, hanyuma aravuga ati:"Ntiwemerewe kumugira umugore wawe." Kandi ibi vyamutumye ashungumirwa!Murabona?

Rero, umuntu kanaka asanzwe yari gushobora kuvuga ati: "Amahoro,Herodias?Turanezerewe vy'ukuri kukwakira mw'ikoraniro ryacu uyu munsi." ArikoYohana.

Yesu yavuze ati: "Mbega mwagiye kuraba inde, igihe mwagenda kuraba Yohana?Mbega mwagiye kuraba umuntu yari yambaye nk'umuherezi? Eka, uwo ashobora, uwoasoma umwana agahamba uwupfuye." Murabona? Yaravuze ati: "Mwagiye kuraba iki?Umuyaga, irenga rinyuganzwa n'umuyaga? Bavuze bati: 'Yohana ingo hano.Tuzoguhemba menshi niwatubwira ubutumwa. Kandi twe, turi ishirahamwe rininigusumba ayandi?'" Atari Yohana. Eka, ntiyigeze aja kuraba ivyo.

Yaravuze ati: "Mwagiye kuraba iki, rero, igihe mwagenda kwumviriza no kurabaYohana, umuvugishwa? Yaravuze ati: "Kandi ndababwire, uwuruta umuvugishwa!...murashoborakuvyakira, uyu niwe umuvugishwa yavuze ko yariko araza, nzorungika integuzaimbere yanJe, kandi azotegurira inzira Umwami."Yari Intwarabutumwa y'Isezerano.Yaravuze ati: "Ntamuntu yigeze kubaho, yavyawe n'umugore, ahambaye nkawe."

101 Murabona? Umuntu nk'uyo niwe Imana yahagurukije kubwa kirya hihe, Eliya, umuntu yiberamw'ishamba. Yahana co kimwe. Murabona? Impwemu ya Eliya yari kuri Yohana. Kandiaravuga, hageze igihe c'umugore ubugira kandi, ko iyo Mpwemu izokwongeraguhaguruka, "Imbere y'ukuza kw'Umwami, igihe isi izoturirwa, kandi abagororotsibazokandagira hejuru y'u—y'umunyota w'abanyakibi, nk'umunyota musi y'ibirengevyabo." Yarabisezeranye kandi muri kino gihe. Murabe, Mpwemu Yera yarabisezeranyeivyo. Birahuye neza n'igihe tubayemwo.

102 Umuntu kanaka ategerezwa guhaguruka. Ivyo bitegerezwa gushika, kubera ni NI K'UHORAHO AGIZE, Malaki igice ca 4. Ico nico yavuze neza ko cobaye ikimenyetso "Imberegato y'ukuza kwa wa munsi uhambaye kandi uteye ubwoba w'Uhoraho, nzobarungikiraEliya." None azokora iki? "Azosubiza imitima y'abana k'ukwizera kwaba data,gusubira kuri Bibiliya," hirya y'ubudasa bw'amadini, "kandi kugarukanwa kuriBibiliya, kugaruka ku Mana." Ico nico yokoze. Nimurabe igihe gihambayetubayemwo.

103 Abo bavugishwa barakariye cane abo bagore bigihe ca none bo mugihe cabo, kandibose vyabasavye ikiguzi c'ubuzima bwabo. Kahise karemeza ko buri kimwe muriivyo bihe yari isi y'umugore, igihe abagore baba baganje.

104 Murabe kubijanye na kino gihe. Tuzoronka umwe, Umukuru w'igihugu, umwe muri iyiminsi, biboneka nk'aho bishobora kuba ubunyene. Muvy'ukuri, uwo mugore niUmukuru w'igihugu. Murabona? We ni igikanganyoni. Hano, ntagihe kininikihaciye, muri kimwe mubindi bihugu, yaronse amashimwe menshi hamwe n'ibindivyose bivuye kubantu, gushika aho Umukuru w'igihugu ubwiwe yavuze ati: "Ndiumugabo wiwe." Umukuru w'Igihugu ca Leta zunze ubumwe za Amerika, murabona.Ashinga inyambaro, abagore bakayikurikira, murabona, neza nk'uko Yezebeli yabikoze.Mwarumvise ubutumwa bwanje kuri Idini ryaYezebeli. Murazi. Murabizikoikintu. Murabona aho turi ubu?

Murabona ivyabaye hano, haraheze indwi imwe canke zibiri, hano mugisagara?Umukozi w'Imana wo mw'ishengero ry'Ukwizera kw'Ikiluteri yatumiye Umupatiri womuri Katorika wa Mutima Mweranda kuza kandi akavuga ubutumwa mu kibanza ciwe,kandi yarabikoze, hanyuma uwo muvugabutumwa wo mw'ishengero ry'Ukwizerakw'Ikiluteri yaramanutse kuri uwo Mupatiri w'umukatolika kandi yaravuzeyoubutumwa.

105 Inama y'amashengero hariya kano kanya, iriko ibera I Roma. Iri kete rizungurukairyo umugenzi wanje mwiza David duPlessis; igihe nicara hariya hanyumanaramuririye kuri ico, I fourteen-Mile Creek, ntagihe kirekire kihaciye; ataziko ataye ishengero muri Babuloni, mugihe umwe wese avuga ati: "Ô,amashengero yose agiye kuba rimwe ubu." Ego, ndabizi ivyo, murabona, neza naneza ivyanditswe mugitabu canje c'ubuvugishwa muri 1933, ivyobaye. Kubera ikimutabonako ari Satani ariko arabanywanisha? Bibiliya irabivuga. Kandi inyumagato, mukanya gato, bagiheza kuba umwe, aho rero impuzamadini rizoba riheze,murabona. Aho hazoba ikimenyetso canyu c'igikoko, neza. Murabona?

106 Gusa ntamwanya mfise wokubandanya n'ibi, ariko, isaha zitandatu z'umurango ziburahafi iminota cumi n'itanu. Murabona. Nshaka guheraheza ibi, mfate iki. Nshizehano gusa bino vyanditswe aho mushobora kubona ugushoboka kw'aho tugeze, kandi ducaduheza mu minota mike.

107 Rero mwihweze ivyabaye. A - abavugishwa barakariye abo bagore mugihe cabo kandibabita "abagabo banka abagore." Ivyo nivyo. Kahise karavyemeza uko.

Kano kanya murindire umunota umwe. Murikomurandika ivyanditswe, nivyiza ko muhera kuri 1 Timoteyo 5:6 Bibiliya yaravuzeiti: "Umugore abaye mubihimbara vy'iyisi." Si ibihimbara Imana; rero bitegerezwa, murabona. Umugore abayeho mubihimbara vy'iyi si aba yarapfuye ahagaze."Iivyo nivyo umuvugishwa yavuze,Umweranda Paulo, "Umugore abayeho mu vy'iyi si abayarapfuye ahagaze." Kandi nimbayanse ubuntu, arashobora kurengana umurongo utandukanya aho atakibanza abaakihafise. Kandi rero ari he, n'amaso yiwe asize irangi, n'umushatsi uciye? Kandiyararenganye umurongo ataburyo na bumwe bwo kugaruka, kandi hategerezwa kubaigikorwa co kumubwira ubutumwa. Ariko mwibuke, ako kanya, biba vyarangiye.Vyaheze. Kuba ari gusa kugenderwa n'Impwemu

108 Hazobaho igikorwa kizogaragaza utwumiza duhambaye. Yoweli yarabivuze, arikontamwanya uzobaho

wo gucungurwa, vyararangiye vyose. Umwagazi yarahejeje kwakiraIgitabu ciwe, kandi n'igikorwa co gucungura kwiwe caraheze. Kandi Yesuumbwambere yavuze ubutumwa kandi yarashibuwe, hanyuma yaragiye kandi kwiyerekaabo bari hariya, abwira ubutumwa abo bari mw'ibihero, batashobora kwihana,atamwanya w'agakiza bari bagifise, icogikorwa nyene gitegerezwa kwongera kuba.Vyogenda gute hamwe uyo woshobora kuba ari Umukwego wa Gatatu? Kuri abo batakayeibihe bidashira. Gute nimba ariko bimeze? Ndizigira ko Atarivyo. Vyomera gutehamwe vyoba ariko bimeze? Muvyiyumvireko ubu akanya gato gusa. Gute hamwe vyobaariko biri? Imana ituzigame. Ndafise abana. Murabona? Ariko muvy'ukuri bibonekank'aho vyegereje cane.

kubera iki rirya yerekwa ryaje igihe nari umwana? Kubera iki ntigezendavyiyumvirako ubwambere? Kubera iki irya ndoto yaje hariya mucumba wamunsi,ivuga iti: "Ng'ibi hano"? Biri neza hagati ya … i—imishaha yatakaye. Kandi Yesuyarayibwiye Ubutumwa, yarayishingiye intahe, ariko nti—ntiyigeze yihana. Kandiuko ndushaho kuvuga ubutumwa niko bononekara cane. Ntakwihana kuhari.Ntakibanza cokwihana kihari.

109 Umwagazi yaramaze gufata Igitabu ciwe igihe, Ishashara ry'Indwi ryari rigiraryungururwe, Ishahara rya Gatandatu. Mwibuke, yaratunyegeje Ishashara ry'Indwi.Ntiyashatse kuriduhishurira. Igihe Umumalayika yahaguruka, umunsi k'uwundi,abivuga, ariko rero ntiyashatse kubikora kuri iryo ry'Indwi. Ati: "Habaagacerere mw'Ijuru." Ntan'umwe yabimenye. Kwari ukuza kw'Umwami.

"Ô", muvuga muti:"Ntibishobora kuba." Nizigiye ko atarivyo.

Reka twinjiremwo gato hano. Ndafise ivyo nanditse, murabe. Neza cane.

110 Mwibuke, "Uwubayeho m'umunezero w'isi," w'ibintu vy'isi, yitwara nk'isi.Ashobora kuja m'urusengero akifata nk'umweranda, ivyo ntaco bihindura,murabona, ariko, "Yapfuye agenda"

Raba ivyo amadini yamukoreye. Yamugize umugore avuga ubutumwa, ikinyuranye naBibiliya. Yamugize umuvugabutumwa. Ivyanditswe birabibuza. Ubu baranamugirauwutwara, umukuru w'igisagara, baburamatari, vyose mu gihugu, kandi umuvugabutumwamunzu y'Imana

Mugihe yagirwa n'icaha cose cakozwe, niwe ntandaro yaco. Neza. Kano kanya,sindi, sindiko ndavuga uburenganzira. Aragirwa(umugore). Umwana wese avukaahumye, nikubera we. Buri mva yose yimbwa niwe ntandaro, niwe ntandaro y'icaha,indwara, imibabaro. Ruseha abaniha ntiyari kuvuza akamo iyataba ari umugoreyabitumye. Ntabwicanyi bwohabaye, nta caha, nta rupfu, nta gahinda, nta kubabara,ariko vyakozwe n'umugore. Kandi Imana iramubuza ko aja kugicaniro kuvuga Ubutumwa,ariko naho biri uko barabikora. Idini, murabona aho riri?

111 Ni ikigigwamanakazi. Mbega ukuntu umwansi ari kugikorwa! Kubera iki Abakatolikababagira, abagore, ibigigwamanakazi, bakabasenga; ukwo ni ukuri,ikigirwamanakazi Mariya, n'abandi. Ndabona aho muri ya Nama y'Ubumwebw'amashengero bavuze ko igihe kizoshika aho bazokwongerako gato gusenga Yesunimba vyofasha Abaprotestanti kwinjira. Murabona? Murabona? Ô,ubwo ni uburyarya! "Ntibishobora guhinduka," barabivuze. Murabona? Aracari wamubi wa kera. Bibiliya yaravuze iti: "Kandi gituma bose baronka ikimenyetsok'uruhanga rwabo, abatari bafise amazina yabo yandiswe muri ca Gitabuc'Ubugingo c'Umwagazi w'intama."

Ndiko mbiwira Ishengero ryatoranijwe kuva kera, Atari bariya bo hanze. Oya,Mushingantahe. Inyuma y'umurwi uwo ari wo wose, yarasohoye abatoranijwe biwe. Ico nico buri gihe aza gukora.

112 Ariko ahagaze aho. Ari aho. Uwo niwe; yigisha Ijambo, avuga ubutuwa, acikaikigirwamanakazi, kandi intandaro ya buri caha. Bibiliya yaravuze it:"Sinkundira umugore ko yigisha, canke ko aganza umugabo, ariko abe uwuganzwank'uko icagezwe kivuga." Murabona? Ariko ntashobora kubikora. Ariko bamugirauwuganza igihugu, umukuru w'igisagara, buramatari; vuba azoba Umukuruw'igihugu. Ntagukekeranya. N'uko. N'uko, niko biriko biragenda, murabona. Kandiabantu bakora ivyo kubera ntibitaho ivy'Ijambo ryiWe. Ntibazokwigera babibona.

Raba bariya Bayuda baghagaze hariya, incabwenge, abagabo bameze neza. KandiYesu yaravuze ati: "Muri aba so, wamubi."

113 Mubona gute hamwe nomuzana m 'urubanza kano kanya imbere yanyu? Rekatubigerageze umunota akanya gato gusa, kandi Imana imbabarire kuyigwanya; arikoakanya gato gusa, kugira ndabereke ikintu kanaka.

Mbega hamwe mwovuga muti: "Neza, jewe, Imana ishimwe, ndavuga mundimi! Haleluya!Ndazi. Jewe, egome, nda—ndamufise. Imana ishimwe. Egome!" uh—uh, wakoze?

Mwibuke Ab'Isirayeli. Bibiriya yaravuze, inyuma y'uko Yahamagaye abantugusohoka, kandi akabakiza Egiputa, yarabrimbuye kubera batakwirikiye Ubutumwa.Murabona? Barariye manu ivuye mw'Ijuru. Barariye manu Imana yakoroye kw'isikugira barye, kandi barahagaze imbere y'intwarabutumwa, kandi barabonye

Inkingy'Umuriro, kandi barumvise Ijwi ry'Imana, kandi barabibonye vyemejwe. Kandirero, kubera bari bashatse kwizera Kora, "Hariho n'abandi bagabo benshiberanda. Harashobora kuba ibi na biriya, canke ibindi. Dutegerezwa kubaturi aberanda natwe. Twese twokora ibi. Ihanga ryose ni iryera."

Imanayaravuze iti: "Itandukanye nabo. Igirayo."

114 Mose yaravuze ati: "Abari k'uruhande rw'Imana ingo tujane." Ukwo ni ukuri. Murabona?Hanyuma yasamika isi irabamira. Murabona?

Bari abantu beza nabo. Atagukekeranya, bari beza. Bari abantu beza. Ego,mushingantahe, ariko ivyo ntivyari bihagije. "Sibose bavuga bati: 'Mwami,Mwami,' ari abagororotsi, ariko uwukora ubugombe bwa Data." "Si uwutangura, niuwuheza." Ivyo, nta nzira za hagufi, uzonanirwa ku mpera nta nzira zihari zahagufi. Mutegerezwa guca munzira ivyanditswe vyavuze.

Nimba bivuga biti: "Mwihane, kandi mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, kandimuzohabwa ingabire ya Mpwemu Yera," ntanzira ya hagufi iriho, kuramukanyamuntoke, kwiyunga n'ishengero canke idini. Ca muri iyo nzira! Udapfuye kuriwewe, hanyuma uvuke uvyawe na Mpwemu w'Imana, wa—wa—warazimiye. Ntakindi. Ntanziraya hagufi iriho.

Uravuga uti: "Neza, negukira ishengero." Ndabizi. Ni vyiza. "Rero, Mama wanje…"ivyo sindabikekeranyako, ariko ndiko mbwira mwebwe. Murabona? Utegerezwa gucamuri iyo nzira, kubera ko, nta nzira yahagufi iriho, uzotsindwa n'urubanza. Camuri yanzira imwe.

Hari inzira imwe gusa, kandi iyo nzira ni Kristo. Kandi Kristo niwe Jambo ribamuri mwebwe, rigenzura ivyo vyose yasezeranye mugihe ca ryo. Murabona?Mwabitahuye? [Ishengero rivuze riti: "Amen."—Umw.] Neza cane. Murabe ubu naho.

115 Bamwe bavuga bati: "Aba bantu ni beza." Koko. Simvuze ko Atari abantu beza. Simvuze ko Umweranda Cecilia n'abandibose batari abagore bameze neza; na Mama wanje kwari ukwo, ariko muvyuk'urisindamusenga. Haba namba. Atankeka, narabonye abantu benshi beza, ariko siibigigwamanakazi. Ni abagore, abagabo. "Hari umuhuza umwe hagati y'Imanan'abantu."

None kubera iki, kubera iki umugabo, umupantecotiste, umuntu w'isi… ririya kete rizunguruka iryo mweneData duPlessis,mweneData w'igiciro, yakwiragije. Bamwe muri mwebwe mushobora kubamwararironse. Yaricaye…Ego, mwararironse. Munama y'Ubumwe bw'amashengero, hafiya papa, kandi yaravuze ati: "Vyari ivya mpwemu cane." Ukwo ni ugushishozaimpwemu, sivyo? !Ô, Mpwe w'Umwami yari hano, vya Mpwemu cane."Egome. Nivyo.

Kubera iki?

116 Kubera ko ni akaryo ko kunywanisha Abaporotikandi ico hamwe, ico twagwanije imyaka myinshi, kandi Bibiliya yaragishigikiyekandi yaratumenyesheje ko coje. Kandi bacu… umwe mubarongozi bacu bakomeyegusumba abandi yinjiramwo, avuga ati: "Nivyo, ivyo nivyo dukora," kandiishengero ryose rya protestanti ririko riragwa m'umutego.

Neza na neza, nimwaraba hariya hejuru, NIKO UHORAHOAGIZE. Ubwambere, Ijambo ryarabivuze. Hanyuma Mpwemu w'Uhoraho yaravuze, muri1933, yaravuze ibi bintu bindi vyose kubijanye n'ibihugu vyokwinjiyemuntambara, n'ukuntu ibigwanisho vyobaye bimeze, n'ibindi vyose nk'ivyo,yaravuze neza na neza ko ivyo arivyo vyoshitse kumpera. Kandi ng'ibi hano.Ntivyigeze bihusha. Kandi hano turabona biriko birafata ishusho.

117 Muribuka ubutumwa bwanje kuri Idini rya Yezebeli ntagihe kinini kihaciye? Muribuka Eliya amanukamunzira cagitondo, kubabwira? Ivyo, naravyigishijeko ubutumwa. Murabona? Hamwen'ukuntu navuze ko vyobaye imbere ko igihe coshitse aho iyi nama y'ubumwebw'amashengero yohavuye ihinduka ca kimenyetso ca cagikoko, kuberako yonywanyena ca gikoko. Kiriko kirabikora. Mugihe canje, nabayeho kugira ndabibone, kandihano ama miliyoni y'Abaprotestanti bariko barafatwa n'uwo mutego. Kubera iki? Ivyo nivyo bariko bararondera.

Ni impumyi! Yesu yabwiye abo Bafarisayo ati: "Muriimpumyi ziyobora izindi mpumyi. Impuyi iyo irongoye iyindi mpumyi," Yaravuzeati: "Mbega zose ntizizogwa mu manga?" Kandi aho niyo bagwa. Mbega ni gute narikwizera ko umuntu twahagararanye kandi twvuganye, yoshobora kwicara hanyuma akuvugaijambo nka ririya! Murabona, "Birahishijwe amaso y'abanyabwenge n'abahanga,hanyuma ubihishurira inzoya bashaka kwiga."

118 Ndazi ko umunsi umwe bizoncisha agatwe. Ukwo niukuri, bizoba, ariko hano Ukuri kuriko kuramenyekana. Uh-uh.

Uwambere yapfuyekubera uyu mugambi wa Mpwemu Yera yari Yohana umubatizi, ariko ntiyigezahesha, yapfuye nk'umugabo;hanyuma hakurikiye Umwami Yesu, baramubamvye, yigishije ko Mpwemu yokijijeicaha umuntu. (Nivyo?) Kandi barateye amabuye Stefano, yavuze ubutumwa

agwanyaicaha, yarabarakaje, bamujanjagura umutwe; Ariko yapfiriye muri Mpwemu, aracikanahanyuma aja gusangayo abandi, babandi batanze ubugingo bwabo. Hariho Petero naPaulo, hamwe na Yohana w'Imana, barahevye ubugingo bwabo kugira ngo Ubutumwabwiza bushobore gukayangana; bakoze iki? Bavanze amaraso yabo n'ayab'abavugishwabakera, kugirango Ijambo ry'Ukuri ry'Imana rishobore kuvugwa m'ukugororoka kwaRyo Imishaha iri munsi y'igicaniro, yariko iratakamba iti: "Gushika ryari? KugiraUmwami ahane abakoze nabi bose; ariko hazobaho benshi bazokwicunguza amaraso yabo(Ego, ivyo nivyo.) Kubwa buno Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera n'inzuzi ziwezitukura Ibandanya iva amaraso

Ego, umunsi umwe bizoba, ariko ndarindiriye iyo sahaaho bizorangira.

119 Mushikiwacu kanaka yaragize inzozi. Yarabindungikiye,yaravuze ati: "Narababonye, iryo shengero ryari ryateguye uburyo," rigiyekunyica, mw'ibanga, igihe kanaka,n ururutse imodoka yanje, "ndinjira, bandasa…"ariko yaravuze ati: "Hama Mpwemu yaravuze ati: 'si ubu, ariko bizoshikamunyuma."Uh-uh.

Imana indinde kugiriranra imyumvikano kukintu icaricocose. Ntakintu nakimwe nzi uretse Yesu Kristo kandi Umwe yabambwa. Tubaye ugihegiteye ubwoba. Icaha nico cakoze ibi. Egome. Ba - barateye amabuye Stefano.Baraciye umutwe wa Yohana, yarabikoze (Herodias). Sinzi uko tuzotanga ubugingobwacu, ariko umunsi umwe bizoba. Neza cane, mwihweze.

120 Muri Yohana Mweranda, nimba mushaka kiriya canditswe kuri ivyo. Umweranda Yohana 6:49, niho bavuga ko bariye manu, kandiYesu yavuze ati: "Kandi bose barapfuye."

Muvuga muti: "Neza, mu - mushiki wanje, na -narabonye uyu mugore atamba muri Mpwemu." Ô, ego. Uh-uh. "Ndababona bakoraivyo. Naramubonye avuga mundimi. Naramubonye…" Ego.

Yesu yavuze ati: "Benshi bazoza kuri Jewe kuri uryamunsi bavuga bati: 'Narakoze ibi bintu vyose.'" Murabona? "Barariye manum'ubugaragwa," Yesu yaravuze ati: "Kandi bose baratandukanye ibihe bidashira.Barapfuye." Ukwo ni ugutandukana ibihe vyose. Barahonye hariya m'ubugaragwa.

121 Muribuka Abaheburayo igice ca 6, "Abigeze kumenyeUkuri, hanyuma bakanka kukugenderamwo, ntakwihana kuba kugisigaye kuri bo."Murabona, uwizera wo k'umupaka…Igihe Ukuri kwashikirijwe umuntu kuncuroyanyuma, hanyuma bakakwanka; bijanye n'Igitabo c'Abaheburayo, murabona, bazo…ntakintu nakimwe mw'isi coshobora kubakiza.

Bararangiye. Ntakwihana, ntagucungurwa, ntanakimwegisigaye kubwabo. Baratandukanye ibihe bidashira. Niko Bibiliya ivuga, "Barindiriyeumuriro uteye ubwoba kandi w'inkazi uzotongongora umwansi." Kandi igihe Ukurikw'Ubutumwa bwiza bwamaze kwerekanwa ko ari Ukuri, bwemejwe neza hanyumaagahindukira akakuvamwo, biba birangiye. Ntakindi. Birateye ubwoba, arikontegerezwa kubivuga.

Mwibuke Abamarayika batagumije ikibanza cabo cambere,ariko bagumijwe hariya muri yanzu y'ibohero mumwijima, aho isi iriko iraja uyumunsi muri rya bohero nyene, ntakwihana gushoboka.

122 Mwibuke haraheze imyaka kanaka, naravuze, igihenarimvuye muri Chicago nti: "Canke Amerika izomwakira uyu mwaka, cankentizokwigera imwakira burundu." Murabona aho yagiye? Ego.

Ubu ndibaza nimba Umukwego wa Gatatu ushobora kuba? Ô Mana Ntibikabe ivyo! Mbega iconico Umukwego wa Gatatu ugenewe? Ivyo vyoshobora kuba? Ô, mugenzi! Muvyiyumvirekobagenzi. Vyiyumvireko; sinkunda kuvyiyumvirako.

Yesu yavuze ati: "Ubu bwoko bw'uburyarya…" Nimbamushaka kwandika ivyo, Matayo 23, indwi. Nda—ndafise hano, "soma ivyo", arikomurashobora kubona. "Mwa Bafarisayo bimpumyi!" Reka…

123 Muracafise iminota mike? [Ishengero rivuze riti: "Amen."—Umw.] Reka turabe.Reka dufate ico canditswe, kubera navuze nti: "hasome." Hariho ikintu kanakanari nashatse gusoma neza mbere… Ariko birashika nkaza gusimba ibindi bintukanaka, ariko reka dufate iki akaya gato gusa. Matayo 23, umunota umwe gusa,neza cane, kandi turahera k'umurongo wa 27. Mwumvirize kano kanya. Murazagusomera vyose muhira, nimwabishaka. Iyindi minota mike gusa.

Ubu mwihweze hano. Matayo 23, kandi duhere k'umurongo wa 27. "Muzobona ibaramwebwe abanyabwenge b'ivyanditswe!"Rero, mwibuke, aba ariko arabwira n'abagabob'abagororotsi.

Muzobona ibara mebwe Abanyabengeb'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndryarya mwe, kuko musa n'imva zihomeshejweingwa (abo ni abantu bapfuye, murabona),zihomesheje ingwa, ziboneka inyumazikuyengeje,ariko imbere zuzuye amagufa y'abapfuye n'ibihumanya vyose.

Imbere muri bo harimwo; ubwiyorobetsi, ukwifuza, ibihari, inyuma: "Ndi Dogiterikanaka"

Namwe niko muri: inyuma mubonekeraabantu muri abagororotsi, ( ni murabe Inama y'Ubumwebw'amashengero n'Abapantekotiste bicaye hariya), ariko imbere mwuzuyeuburyarya

n'ubugarariji.

Ukugabitanya n'iki? Ikintu muzi muvy'ukuri ko ari ciza hanyuma ntimugikore. Yesu,rero murabe neza ivyo Ya…Urunganwe ashirako bino bintu ubu.

Muzobona ibara, mwebwe Abanyabwengeb'ivyanditswe n'abafarisayo, mwa ndryarya mwe! Kuko mwubakira imvaz'Abavugishwa n'Imama mugashariza ivyibutso vy'abagororotsi,… (murabona,"Ô,abavugishwa!")

Kandimukavuga mut'iyo tuba twariho mui ico gihe ca ba sokuruza, ntitwari gufatanyanabo kuvisha amaraso y'abavugishwa n'Imana.

"Twari kuba twarizeye Ijambo ry'Umwami iyaba twabayeho kiriya gihe." Ihweze.

Uko ni ko mwiyagiriza ko muri abanab'abishe Abavugishwa n'Imana None nimwuzurize ingero ya ba sogokuruza banyu.

Ivyo nivyo biriko biraba. Reo nimurabe neza ivyo Avuga hano.

Mwa nzoka mwe, mw'abana binzokamwe, muzohunga mute urubanza rwa Gihenomu?

124 Wobikora gute? Hano ariko abwira abavugabutumwa, murabona, nivyo, abagabo b'aberanda.Ni gute uhagarara kandi ukamenya ko Bibiliya ivuga ibitaraba imbere hanyumaukabwira abantu ko batobikora, kandi ugashobora guhagarara hanyuma ukagiraimyumvikano kubw'utudorari duke tunuka, kubwo kuba rurangiranwa, nkandi umuntukanaka agukora m'umugongo hanyuma akakwita "Dogiteri"? Ni gute wovuga ko ukundaabo bantu?

Ndikondavuvugira ubutumwa ku mabande naho. Murabona?

Woshobora gute, ni gute woshobora kuvuga ko ukunda abo bantu, hanyuma ukarekaikintu nk'ico kikaba? Murabona? Mwe—mwebwe mwa Bafarisayo mwe, mwampumyi mwe,mwanzoka mwe, mw'abana binzoka mwe, ni gute muzorokoka igihano ca gihenomu?Mugihe mu…Ni gute umuntu uyu munsi, azi ko ibi bintu atari vyo, hanyumaagahagarara hano kugira agumane ikoraniro, kugira idini ryiwe rikure, hanyumaakananirwa no kubwira abagabo n'abagore? Ni gute mugiye guhunga uburake bwagihenomu, kandi yashiriweho mwebwe? Muzobigenza gute? Murabona?

Umwirize, umwirize hano. Bizobera gute? "Kubwivyo" umurongo wa 34

… ehengira ntume Abavugishwa n'Imana kuri mwe….

"Nzo," muri kazoza. Ng'abo Abafarisayi banyu baragarutse kandi. Murabona?

…abanyabwenge,… bo n'Abanyabwenge b'ivyanditswe: bamwe muri bomuzobica, mubabambe abandi muzobatonagurira mu masinagogi yanyu, mubatuzamubisagara vyose:

125 Yari yarabivuze bitaraba ko yorungitse abavugishwa, bafise Ijambo ry'Umwami.None bokoze iki? Cakindi nyene ba se bakoze, kubera ico nico muri. Murabona,impwemu ntizipfa. Abantu bafise izo mpwemu barapfa, ariko impwemu ntizipfa.Yavuze ati: "Muri abana. Muri babandi." Kandi neza raba uko bino bintu bimeze.

126 Ni gute urya Mweranda Paulo yahagaze hariya (murizera ko yari umuvugishwa?)hanyuma agacirako iteka abagore, kuba baca imishatsi yabo; yaciriye iteka kumadini yabo; yatangaje ko buri muntu wese Atari yarabatijwe mw'Izina rya YesuKristo ategerezwa kuza kandi akabatizwa kandi. Ni vyo.

Rero uyu munsi baragiriranira imyumvikano narYo hanyuma bakarigira irisosa hose. Ariko ntibaziitandukaniro. Birateye ikagongwe. Nimbi isaha yarenganye, kumbure reka mvugeibi, murabona: ni impumyi, bagenewe kuva kera kuba impumyi. Imana utubabarire.Ntibashobora kubibona.

Yesu yaravuze ati: "Muri impumyi. Mwampumyi mwe z'Abafarisayo, nab'Abanyabwengebw'ivyanditswe, mwa nryarya mwe! Mugihe musoma rya Jambo nyene abandi bosebasomye, hanyuma mukaza kandi mukancirako iteka. Kandi ndi neza na neza icoIjambo ryavuze ko nobaye ndi muri kino gihe. Nategerezwa kuba ya Intwarabutuwaya kino gihe. Ndi Mesiya," Yabivuze mumajambo make. "Ndi Mesiya. Mbegasinabigaragaje? Nimba ntakoze ivyari binyanditsweko, rero muncire urubanza.Kandi mw'Abafarisayo b'impumyi mwe muyoboye abantu banyu mubajana mukintunk'ico, kandi murungitseyo umugwi wose." Yaravuze ati: "Neza, impumyi irongoyeiyindi," yaravuze ati: "Muri…"

127 Muvuga muti: "Ô, iyaba twarabayeho kera mu gihe c'Umweranda Paulo,egome, nari kuba narifadikanije n'Umweranda Paulo."

Mwa ndyandya mwe! Murabona? Kubera iki mutifatanya n'Inyigisho ziwe? Mwari kubawarakoze cokimwe n'ivyo mwakoze ubu, kubera muri abana ba so banyu, ba So banyubo mw'idini: Abafarisayo,

Abasadukayo, n'abibona ko bagororotse hamwe Ni- nivyo. Uh-uh. Ndabibabwiye, kandi - kandi ndibaza nimba ibi bishobora kubaari Umukwego wa Gatatu muri kino gihe tubayemwo? Kanya gato gusa ubu, urabona,Yesu yaravuze ati: "Abakino gihe bacirirwa urubanza rukomeye cane," murabona?Mbega sibintu bibi cane?

128 Nk'Umyamerika ahambaye, igihe kimwe, igihe umwansi yagira afate kino gihugu,hariho umugabo isaha zitandatu z'ijoro, yuririye ifarasi, hanyuma ajamw'ibarabara, asemerera ati: "Umwansi araje!" Yari Paul Revere.

Ndi Umunyamerika nanje. Kandi ndiko ndagendera kw'ifarasi kuri iyisaha yagatandatu y'ijoro, simvuga nti umwansi ariko araza, ahubwo ari hano! Ntarikoaraza; yamaze gushika! Yarahejeje gutsinda. Mfise ubwoba ko vyarangiye; atera iyi saha ya gatandatu y'ijoro.

129 Mwibuke, i Tucson, b'Abamalayika indwi, ubutumwa bwari: "Iherahezwa ry'ibangary'Imana." Ubwonyene inyuma y'ico, hamanutse urukurikirane…

Mwese mwarumvise ibijanye na ya misozi. Murabe neza. mweneData Fred yarafasheamashusho kanaka yavyo. Hamwe na mweneData Tom. Kandi ndafise amashushokanaka, amareresi. Tuzovyerekana hanoumunsi umwe, tubereke neza aho vyari biri. Mwese murabizi.

Murabe, y'amasonga atatu. Yaravuze ati: "Hariho Uwambere wawe, Uwakabiri,n'Uwagatatu."

130 kandi mweneData Fred arafise ifoto yavyo iboneka neza, igihe be na mushiki wacuMarha barengana. Ibicu bicuye mu bukanye bw'isi vyari vyaduze hejuru, hanyumabirakingira ibindi vyose, kandi vyerekana gusa iyo Mikwego Itatu, umwe hano,uwundi hano, hanyuma uwundi hariya. Murabona? Bamwe indwi!

131 Ihweze, uwambere, itatu. Gatatu ni ugutungana. Ico gihe yari intango y'igikorwa.

Umukwego wa Kabiri kwari Ugushishoza impwemu, ubuvugishwa. (Uwambere wariugukira indwara.), Uwakabiri wari ubuvugishwa basohotse, kandi ukamenyaamabanga yo muvyiyumviro, igihe Ijambo ubwaryo ryari rigaragajwe. Aribwo buntu.

Ariko mwibuke, iyi'ndwi ni uguheraheza. Mbegauyu woshobora kuba ari Umukwego uheraheza, vyose birarangiye? vyoshobora kubavyo? Muvyiyumvireko kano kanya. Mwiyumvire gusa. Muri hehe? Murabona? Indwiigihe cose cama ari ukurangiza. Imikwego itatu!

132 Igikorwa ca Yesu cari kigizwe n'Imikwego Itatu. Mbega mwarabimenye ivyo? Rabaneza! Kandi mube imvugakuri, nimba bitarigerabiba m'ubuzima bwanyu, bibe akanya gato, iminota mike.

Umukwego wiwe wambere wari ugukiza abarwaye.Yacitse umuntu rurangiranwa. Bose vyaboneka nk'aho baMwizeye. Ivyo nivyo? Igiheyatangura gukiza abarwayi, umwe wese yamushaka mw'ishngero iwabo.

Ariko umunsi umwe yarahindukiye hanyuma atangura kuvugishwa, kubera YariIjambo, kandi yari wa Muvugishwa Mose yari yaravuze. Kandi igihe yaja kubabwirauko bari babayeho, hamwe n'ibintu bariko barakora, yaciye ahinduka nyamwigendako.Uwo wari Umukwego wiwe wa Kabiri.

Ndibaza nimbaico kigereranyo kitasubiriye kwongera kubaho. Mwiyumvire gatogusa. Vyari gushobora kuba? Uwambere, gukiza bose. Uwakabiri: " Ô,yoshobora kub ari Yesu gusa. Yoshoborakuba ari Beyezebuli, vyari gushoboka ko aba i…" Ivyo nyene nivyo bakoze hariya.Murabona? Za mpwemu nyene ziba muri babantu nyene, abantu baciriweko itekabatokwigera bashobora kurokoka, Kubera baraciriweko iteka mbere; bo, nka YudaIsikariyota, yavuze ari umwana wo kurimbuka.

Muvugamuti: "Yudas?" Atagukekeranya.

133 Mwibuke, yari umusenzi cane, ariko ntiyashobora kubandanya n'Ubutumwa.Arashoboye gufata igice ca Bwo, ariko ikindi gice ca Bwo ntiyashobora kucuza.Barashobora gufata ugukiza indwara hamwe n'ibindi nk'ivyo, ariko hageze igihec'aho Imana ivuga imihare ikabaho, aho, ivyo n'ivyo ibwina cane kuri bo."Ntibishoboka!" Uwo yari Yuda. Impwmu yiwe irashobora kugumaho gushika hariya.Inyuma yaho ntishobora kubandanya. Murabona?

Bari bashoboye kwemera Mose igihe yugurura ikiyaga gitukura, hamwe n'ibindink'ivyo ariko igihe hagera aho ababwira ko batategerezwa, ko abandi bosebategerezwa kudakora ibi canke biriya, canke ikindi. "Yigize Imana, yishizehejuru yacu." Murabona, aho ntibari bashoboye gushikaho, Kora n'abandi. Rerobategerejwe kugira idini, rero Imana yarabamize.

134 Igikorwa ca Yesu, igihe yariko arakiza abarwayi, "Yari uwuhebuje, uryamuvugishwa akiri muto w'Igalilaya! Kubera iki, yahumuye impumyi, yaranazuyeabapfuye. Turafise uburorero butatu bw'abazutse. Muvy'ukuri yarazuye abapfuye."

Ariko umunsi umwe yarahindukiye, arababwira ati: "Mwaruvyaro rw'inzoka mwe.Mwoza isahani

inyuma. Muboneka nk'abagororotsi, ariko indani muri mwebwe,ntakindi muri uretse umurwi w'inzoka." Ô, igihe buryabuvugishwa bwasohoka, bucirako iteka rya dini, aho vyaciye bihinduka. Baciyebahindukira kumurwanya. Nivyo. Kandi impera n'imperuka, mukumuhakana,baramubamvye.

135 Ariko ntushobora kwica igikorwa. Kibandanya kiriho. Murashobora gusinzirizaIntwarabutumwa, ariko Ubutumwa ntimushobora. Uh-uh. Neza. Yabandanije abaho.Kandi raba igihe Umukwego wa Gatatu w'igikorwa ciwe waza. Uwambere kwariugukiza abarwayi.

Uwakabiri kwari kwari ugukarira amadini, no kuvugishwa, ivyo bakoze, ico barico, nokuvyari bigiye kuza. ivyariho, ibiriho, n'ibizoza. Ivyo nivyo yakoze. Ibinivyo?

Ariko Umukwego wiwe wa Gatatu wari igihe yabwira Ubutumwa imishaha yazizimiyeitari igishoboye kurokoka. Bari hariya ikuzimu ahari y'amaso manini asize amarangi,"Ô,Ô!" YabwiyeUbutumwa imisha yari ikuzimu, iyitakiriye ubuntu, ariko yaratandukanyen'inyonga z'Imana kubw'ibihe bidashira. Ariko kandi bategerezwa kubimenya, icoYari Ari, kubera hariya Imana YaMugize.

Ndibaza nimbaigikorwa ciWe muminsi yanyuma kija imbere kwakundi nyene nk'uko cari kiri?Nk'uko Data Yandungitse, niko Ndabarungitse. Ibikorwa nora namwe muzobikora."

136 Abatakaye,ntibashobora narimwe kurokoka. Barashibuye imbabazi. Uwo wari Umukwego wiwe waGatatu.

Hari ikibazokihari kano kanya? Umukwego WiWe wambere, yakijije abarwayi. Nivyo? Igikorwaciwe ca kabiri, yariko aravugishwa. Igikorwa ciWe ca Gatatu kwari ukubwiraUbutumwa kubazimiye ibihe bidashira. Ya misozi itatu, n'ibindi, abazimiye ibihebidashira!

137 Igikorwa caNowa, ibikorwa vyose vyakozwe kumwe. Nowa yaravuze ubutumwa. Ivyo ni neza naneza ukuri. Yarinjiye m'ubwato. Kandi igihe yinjira m'ubwato, haheze iminsiindwi atanakimwe kibaye. Intahe yiwe yabwiye ubutumwa abari baraciwe urubanza.

Sodomu naGomora! Yesu yaravyisunze nk'ibigiye kuza. "Imbere y'ukuza kw'Umwa w'umuntu,bizomera nko mugihe ca Nowa, niko bizomera nko mugihe ca Sodomu." Yafatiye kuriNowa.

Nowa yagizeImikwego Itatu, kandi Umukwego wiwe wa Gatatu wari wega abazimiye inyuma y'ukourugi rwari gwugawe. Kubera, Imana yaburekeye aho, aho atanumwe yarashoboyekwinjira canke gusohoka. Bari indani. Kubera, ( nko k'umusozi ugira indwi)umusozi muremure gusumba iyindi, niho yashize ubwato, umusozi. Murabona? Nivyo?

138 Mugihe caSodomu, Umukwego wambere wari umugororotsi Loti. Kandi Bibiliya yabuze iti:"Ivyaha vy'isodomu vyababaza umutima wiwe ugororotse buri munsi," uko abagore…

Muribuka, "nk'ukovyari biri muminsi ya Nowa." Bakora ibiki? "Bararya, baranywa, bararongora,bagashingira." Abagore, murabona, abagore. Vyari ibiki mu minsi ya - ya Sodomu?Abagore.

Kandiubutumwa bwa mbere bwari Loti. Baramushinyaguriye.

Hanyumaharararungutswe izindi ntwarabutumwa, zibiri muri zo, hanyuma baramanutse. Uwowari Umukwego wa Kabariri wiwe kubwa Loti…Kubwa Sodomu.

Ariko nimurabe kuri Urya yagiye ubwanyuma, hari imbabazi nyinsi cane. Vyose vyaribiheze, birangiye vyose ako kanya. Irya Ntwarabutumwa yamanutse hariya.Umukwego wa Gatatu. Yari iki? Yari afise igikorwa nyabaki? Yicaranyen'abatoranijwe, kandi ababwira ivyariko biraba inyuma yiWe. Nivyo? Ariko igiheyinjira I Babuloni, canke I Sodomu, yashaka kuraba…

Na Aburahamu,arira ati: "Hamwe noshobora kuronka abagororotsi mirongo itanu?" Aramanukagushika kuri "abagororotsi cumi?"

139 Imana yaravuzeiti: "Ego, rondera abagororotsi cumi."

Rekandakubwire ikintu kanaka mushiki wanje, akanya gato gusa. Ushobora kubautajanye n'igihe ca none, ariko urafise ikintu aya mashirasoni adafise. Urafiseikintu atokwigera aronka. Neza. Urahobora kuba wambara bitajanye n'igihe canone, wambara nk'umupfasoni. Kumbure baravuga bati: "Raba uyo mweranda wa kerayikumbagaza." Ntuhangayike. Arafise ikintu kanaka ico iyo nshirasoni, akwegeraisi yose kumukwirikiza amaso, ntaco afise. Ntazopfa akironse. Yarazimiyekubw'ibihe bidashira,yaraciriwe urubanza. Murabona? Ntiyigeze na rimwe…ufiseindero; mufise ingeso nziza. Ntakintu nakimwe afise. Afise umwambo ufataimishaha yazimiye kandi ikayijjana ikuzimu. Impumyi yerekezayo. Rero urafiseikintu kanaka.

140 Urazi,birashoboka ko utanditswe no mu gitabo c'ishengero, ariko birashoboka ko ariubuzima bwawe bugororotse butuma uburake bw'Imana butarandura iyi si uyu munsi.Isi ntizovyizera. Mugore wewe bita umweranda yikumbagaza, wamugabo muto ufiseubumenyi buke cane, ariko uririra Imana ijoro n'umurango, kubw'ivyahavy'igihugu, ushobora kuba ari wewe uzibiye uburake. "Hamwe noronka cumi,

nzokigiriraimbabazi. Hamwe nosangayo cumi!" "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Sodomu, nikobizomera." Murabona ico nshatse kuvuga?

Atari "Hamwenoshobora kuronka Abametodisita cumi, hamwe noshobora noronka Ababatisita cumi, hamwe noshobora kuronkaAbapantecotista cumi, hamwe noshobora kuronka abanonotsi cumi, hamwe noshoborakuronka abashingamateka cumi, hamwe noshobora kuronka abashikiranganji cumi."

Ariko, "Hamwenoshobora kuronka abagororotsi cumi!" Hari umugororotsi Umwe, ni Kristo. Kristoabaye muri umwe muri abo cumi, murabona, nzokireka."

141 Ariko iyo Ntwarabutumwayanyuma yabwiye Ubutumwa abaciriweko iteka. Muravuga… Yamanutse hariya.Ivyanditswe ntibivuga ivyabaye, ariko bukeye mugitondo umuriro waratibutse,neza inyuma yogukora vya bimenyetso, ubwonyene Agiheza gukora igikorwa ciWec'ubuvugishwa. "Kubera iki Sarah yatwenze?"

Yaravuze ati:"Sinatwenze."

Yaramwishuye ati:"Ego, wabikoze." Murabona?

Rero ubwonyene inyuma y'ivyo, yaciye yinjira Babuloni, canke yaciye amanuka muri Sodomu.Ntiyigeza abaronka, hanyuma umuriro uratibuka. Yasanzeyo Loti n'abakobwa biwebabiri, yababwiye ati: "Nimuve hano ubunyene." Murabona? Yarasohotse.Yaramanutse hariya. Mwibuke, yariko aramanuka. Yarungitse intwarabutumwa imbereyiWe, ariko yaramanutseyo ubwiwe , neza, kurabako ivyo bintu vyose vyari biriukwo. Hanyuma yasanze huzuye iki? Abagore basize amarangi mu maso. Ubutumwa kubaciriwekoiteka. Bagize gute? Barabutwenze.

142 Uyu munsibakora iki? Ico nyene. Ndi uwo mu Makoraniro. Negukira Abanyabumwe. Ndi—ndi… Naratamvye muri Mpwemu. Imana ishimwe, ndavuga mu…" Ni vyiza cane, bandanya."Nzoca umushatsi wanje ninabishaka. Nzokora ibi. Nzo—nzovuga ibi. Sintegerezwakubatizwa mw'Izina rya Yesu. Si—sinitayehoibivugwa. Paulo ni uwakera yanka abagore, uko biri kwose. Ni…" neza cane,bandanya.

Umunsi umwemuri iyi minsi, uzorengana wa murongo, nimba utamaze kuwurengana. Ntuzokwigerawongera kandi gushaka gukora ikintu c'ukuri. Mwarumvise ivyo navuze? Niikibazo. mweneData, mushiki wanje, mbega uratahura ivyavuzwe? Uzorengana uwomurongo, kandi ntuzokwongera gushaka kubikora. Uzoguma wumva ubutumwa bwiza,atankeka, ariko ntuzokwigera ubwemera. Ariko Ubutumwa bwiza buzobwirwaabacariweko iteka, abo bazimiye ibihe bidashira, badashobora kwongera gukizwa.Mwaramaze gushika kuri urwo gwego, kandi ntimubizi. Mwibaza ko muriko mubamubihimbara, kandi mwarapfuye mugenda.

143 Ôo, mwumvirize. Abo bose bashibuye Ubutumwa bw'igihe, imbere yo gucirirwa urubanza,Ubutumwa bwiza bwabanje kubwirwa abaciriweko iteka, imbere y'uko bagenda;atambabazi. Nowa, yugaranywe, yari intahe. Imana yugaye umuryango, inyumay'Umukwego wa Gatatu wiwe. Inyuma y'Umukwego wa Gatatu iSodomu, imiryango yarugawe. Aho ntambabazi zari zikihari. Cumi ntibashoboyekuboneka. Kandi Ubutumwa bwiza bwarabwiwe abazimiye, batari bashoboye gukizwa,kubera kwari gusa…. vyamye buri gihe, buri gihe kiranka Ubutumwa imbere y'ukourubanza ruza.

Ese barasubiriye kubikora kandi? Ivyo biraseruka muri ya Nkingi y'Umurirohariya hepfo k'uruzi? Ivyo biraseruka mu Butumwa bucirako iteka abagore, noguterera mu kibanza vyategerezwa kubamwo, hanyuma rigakankamira abobavugabutumwa baja k'uruhande rw'idini aho bogumye kw'Ijambo? Mugihe Imanayeeje neza ko ari Yo, atari umuntu w'umutindi kanaka atize.

144 Mbega n'ivyo vya rya yerekwa naronka, nkiri agahungu gato hariya? Hanyumanaragiye m'Uburengero, kandi hari Umusaraba w'inzahabu w'Ubutumwa bwizaukayangana, werekanye ikimenyetso kivuye mw'Ijuru, neza na neza. Mwibuke, uwoMusaraba wari mw'ishusho nk' - nk'umusonge, kandi rwubatse. Murabona? Esecoshobora kuba ari igice c'umutwe aho giherera, kandi catanguriye hano hanyumakikabandanya gushika k'umutwe?

145 Nka wa musonge, waduze uciye kwa Luteri, Wesley, Pentekote, hanyuma kw'ibuyery'agasongero. Vyoshobora kuba ari ivyo?Nimba ari ivyo, mbega tugeze he? Birashoboka. Ndizigira ko Atari vyo, arikobitegerezwa kuba. Bigiye gushika. Mwibuke neza, ivyo bikorwa, bitegerezwa,igihe cose vyamye bihuriza hamwe kwa kundi nyene, kimwe mu kindi. Bitegerezwagushika. Kandi Imana ntihinduka. Muvyiyumvire!

Murye amenyo ya Mpwemu agatimanamakanyu, hanyuma mubone aho tugeze. Mbega vyoba ari vyo, hanyuma ukaba ukimezeuko umeze? Rero murashobora nyene kugenda…ivyanyu vyararangiye, abo bari hanze.Inyuma y'uko Umwagazi yakiriye Igitabu, Ishashara rya Gatandatu ryahishuwekandi Amashashara yose, birarangiye, birashoboka ndizera ko Atari vyo.Birashoboka. Neza cane.

Noneyoba ariyo mpamvu uyu Mukwego wa Gatatu watevye cane?

146 Murabe neza, Umukwego wa Mbere n'uwa Kabiri yarakwirikiranye. Nabivuze mbere,muravyibuka, igihe natangura ubwambere, kubijanye n'Uwambere. Kandi navuze nti:“Igihe kizoshika, kizomenya n'amabanga yo m'umutima.” Muravyibuka? Bangahe?Kubera iki, mwese muravyibuka mubikorane vyanje ahantu hose. Kandi ijoro rimwe,naragiye ndinjira muri Regina, hariya hejuru, hanyuma naragiye kugicaniro;kandi mweneData Baxter hariya, ibihumbi vyinshi vy'abantu. Hanyuma umugaboyaraduze kugicaniro, [MweneData Branham aturikije intoke ziwe —Umw.] kandivyari aho. Kandi kuva ico gihe cagumye ari kwakundi nyene.

147 Ariko haraheze imyaka myinshi kuva mvuye mu gikorwa c'ivugabutumwa, imyaka inehafi itanu kuva mpagaritse. Ni iki? N'igiki cabitumye? Mbega yoba ariyo mpamvuvyabaye nko muntango, mw'Iitanguriro, “Kwihangana kw'Imana”?

Mwibuke igihe yarema isi, k'umunsi ugira indwi ntanakimwe yakoze. Yararuhutse.Murabona?Imana yarihanganye muri uwo mwaka ugira gatandatu, idashaka ko hogiran'umwe yorimbuka, ariko bose bihane. Imana yarihanganye.

Kandi, no mw'Itanguriro 15:6, nimba mushaka kwandika,16,15. Yabariye Aburahamuiti: “Hariya m'ugihugu c'Abamori ukugabitanya kwabo,” kandi bari Abanyamahanga.“Si nshobora kugutwarayo ubu kuko ukugabitanya kw'Abamori kutaruzura. Arikonzobacirako iteka. Nzoza m'urunganwe gwa kane, kandi nzobacira iteka kw'iryohanga n'inkoni y'icuma.” Ivyo ni vyo?

148 Mbega cabaye igihe kirekire, c'ukwihangana kw'Imana, igikorwa ataguhengeshanya,biciye ku mabande ndetse n'ibindi vyose, vyarakwiragiye kw'isi yose, kugira Irabeko hari uwundi umwe? Ariko birashoboka ko uwo wanyuma aheruka kwinjira. Mbegani ukugabitanya kwa - kwabaye igihe kirekire cane? Nimba Yesu ari wawundi, kandiniko Ari, Abaheburayo 13:8, Ubutumwa bwiWe butegerzwa kuba bumwe. (tugiyekurangiza). N'uburyo bwiWe bwogukora butegeerezwa kuba bumwe.

149 Nimba Umukwego wa Mbere n'Uwakabiri atakibazo! Hoba hari ikibazo muvyiyumvirovyanyu kubijanye n'Umukwego wa Mbere n'Uwakabiri? Mbega vyarashitse neza nk'ukoYavuze? [Ishengero rivuze riti: “Amen.”—Umw.] None kubera iki dukekeranyak'Uwagatatu? Murabona? Ibiri yambere yagaragajwe n'ivyanditswe. Naberetse kanogatondo ko Umukwego wa Gatatu nawougaragajwe n'ivyanditswe.

Murabe isi, murabe aho iri. Murabe ukuntu banse Ukuri, n'ukuntu vyagaragajweneza, igice c'ubuvugishwa. None tugeze he? Yoo Mana, gira imbabazi! Ibi bitumaumutima wanje uvira amaraso imbere. Bimeze bite? Tugeze he?

150 Mwibuke, aya masonga indwi, arashobora kubabwira. Ni… ntarindi songa rirengeye ririya. Riri kuri (umusozi)Continental Devide. Ugenda utumbereye m'ubugaragwa, kuva aho. Ibihe bidashirabirashitse. Amasonga indwi, neza k'umusozi Continental Devide. Ivyo biri nezahagati y'ukuri n'ikinyoma. Kandi kumpera yawo, Umukwego wa Gatatu wari Umukwegowanyuma m'urukurikirane. Ivyo nivyo? Murabona? Neza cane.

151 Nowa yarinjiye, hanyuma inyuma y'iminsi indwi,ntanakimwe cabaye, murabona. Muminsi indwi urubanza rwarashitse. Hamwegusa…Mwumvirize kano kanya, mukurangiza. Iyo baba baramenye gusa icokimenyetso, isi muri kiriya gihe! Ico Imana yemeje hano, biciye mugusomakw'ivyanditswe, mukanya gaheze, yarahoneje abo bantu.

Atari kuba atambabazi , bararungikiwe imbabazi biciyek'umuvugishwa. Ntibashatse kuvyizera. Imana ni nyembabazi, ariko, Yarungitseimbabazi ariko ntibashatse kuzakira. Yama igihe cose ibanza kurungika imbabazi.

Vyari kugenda gute iyo bamenya ko kirya kimenyetsocari ikimenyetso c'igihe c'iherezo? Kandi igihe babibona, rimwe na rimwe, agakizakarakuweho. Nta n'umwe, murabona. Ikintu cambere, murazi, urugi rwari rwugawe.Iyaba ba… hari hariho umuntu umwe wenyene yamenye ico kimenyetso, yari Nowan'umugwi wiwe. Uwo yari we wenyene yakimenye. Igihe urwo rugi gwugarwa, Nowayarabimenye. Nowa yaramenye ko iryo ryari iherezo. Yarabimenye. N'ukuri. Hamwegusa mwari kuba mwaramenye ikimenyetso!

152 Ôo, iyo baba gusa baramenye kirya kimenyetso, igihe babonaUyu yinjiye, yarikumwe na Aburahamu hariya hejuru!

Iyo baza kumenya gusa ko urya Billy Graham wik'igihe ca none, yamanutse hariya,we hamwe na Oral Roberts, hanyuma bakababwira ubutumwa abo bantu bahumishijwe!Iyo gusa baza kubimenya, baba Metodista n'aba Batista b'abagororotsi bakera,kiriya gihe bari ikimenyetso kub'ico gihe, Loti, igihe ivyaha vyababazaimishaha yabo bwite. None aba Metodista n'aba Batista bahindutse iki? Nk'ukoLoti yakoze, cakintu nyene. Ariko abagororotsi, bavuye hariya, barasohotse.Atankeka.

Gute iyo biba igihe Billy Graham yamanuka? Bakaduga kugira bafate ingingo,bihekenyera amajojo, bakubitana ingumu, bongera bitwengera, imishatsi iciye,amasura asize ibirangi, kandi ntihagire na gato

bakora kubijanye n'ico.bakagaruka umunsi ukurikira, hanyuma Billy aravuga ati: "Mfise ibihumbi mirongoitatu; nkagaruka m'umwaka ukurikira, hanyuma ntana mirongo itatu nari mfise."

"Ô, narafashe ingingo. Si—si—sinzoja ikuzimu, ndiko ndajamw'Ijuru, murabona," bavogera neza mu caha. Iyaba gusa bari…

153 Kandi Ubutumwa bwiza buvuzwe m'ububasha, hamwen'ibitangaza n'utwumiza, hamwe n'Inkingi y'Umuriro hejuru ya bwo, hamwen'ibindi vyose bibandanya neza na neza, kandi vyaravuzwe mbere hanyumabigateganywa. Hamwe bo… Baravuze bati: "Umugwi w' aberanda bikumbagaza. Ni ivyogusoma m'ubwenge. N'ubwoko bw'impwemu y'ubupfumu. Umubi, n'ivyo ntakindi.Ntimuvyizere. S ivyo mw'idini iwacu. Ntaco tubironderako." Iyo baba baramenyegusa ikimenyetso! Iyo gusa bamenya!

Yesu yaravuze ati: "Iyaba waramenye umunsi wawe Yerusalemu! Iyo uba gusawaramenye! Ariko," ati: "Watawe wenyene"Murabona? "Iyo gusa umenya. OohYerusalem, Yerusalemu, nikangahe nagomvye k'ukubundikira, nk'uko inkokoibundikira imiswi yayo, nguhisha urubanza rugiye kuza! Ariko ntiwamenye umunsiwawe." "We wateye amabuye abavugishwa, kandi ukica abagororotsi, iyo uza kubawaramenye umunsi wawe! Iyo uba uba waramenye, kandi ukamenya ivyanditswebikwerekeye, hanyuma ukamenya ko ukuza kwaNje ko kwari ikimenyetso c'iherezoryawe. None uri impumyi. Rero warakankamiwe. Igihe cawe cararangiye." Kandin'iko vyari. Nivyo. "Iyo uba gusa waramenye igihe!"

154 Raba igihe Yesu yavuga ivyo, isi yarabandanije. Murabona? Isi yarabandanije, kwakundi.Kubera iki? Kubera batamenye igihe cabo.

Isi yarakomeje, igihe Nowa yinjira m'ubwato. Isi yarabandanije. Abacokoranyi,muri kiriya gihe, bagumye bakora iminsi mikuru y'ubusambanyi. Babandanijebarya, banywa, bakora ubugeni, bakora ibintu bakora uyu munsi. Neza na neza,uko bisanzwe. "Ha-ha! Wa mweranda yikumbagaza arugaye urugi. None mwoba mumazekwumva ikintu nk'ico? Ha-ha! Murazi ivyo avuga? Ngo tugiye twese 'gusomanturi'.Ibitagira umutwe n'amaguru! Amazi ari hehe?

Abacokoranyi mu minsi ya Nowa. "Niko bizomera mukuza kw'Umwana w'Umuntu." Nezacane. Nowa yaramenye ikimenyetso. Co kimwe no mu minsi ya Loti. Co kimwe no mu minsiya Yesu. N'ubu n'uko. Baratwenze incuro yabo yanyuma…?...

Co kimwe n'i Sodomu, nibigeze bamenya. Igihe ya Ntwarabutumwa yari ihagazehariya, Ubutumwa buvuye ku Mana, barabatwenze gusa bongera bagerageza kubahindukirizakuvyo bakora ubwabo. Ivyo nivyo? "Injira kandi wifadikanye natwe. Ube umwe muritwebwe." Ivyo ni vyo? "Ingo kandi wifatanye natwe, ube umwe muri twebwe. Uzobaumwe m'ubahungu. Ingo,ifatanye natwe." Murabona? Ntibigeze bamenya ikimenyetsocabo.

155 Ntibamenye ko igihe burya Butumwa bwariko buravugwa, ko kirya nyene….Ntibashobora kubibona, ko umuriro n'uburake vy'urubanza, nk'uko Imana, umurirow'amazuku wari wakije mu kirere. Ntibashobora kubibona. Intwarabutumwa zarashobora kubibona. Uh - uh. Lotiyarabimenye nawe. Yari azi ko vyari aho. Atankeka.

Nimurabe bantu, mwumvirize. Mwaramenye… Muravuga muti: "MweneData Branham, Ô,bimeze bite kuri ivyo vyose?" Murazi, abantu barashobora kubandanya bavugaUbutumwa bwiza nk'uko baye igihe cose babikora, ico bita Ubutumwa bwiza,bishobora guhera. Barabikoze mu gihe ca Nowa. Barabikoze mugihe ca Loti.Barakoze mugihe ca Yesu. Nivyo?

Co kimwe n'Abayuda, Yesu ahejeje kubabwira ko uburake… "Mwaraheze. Mwararangiye.Ntakigisigaye. Mwaraheze."

"Ô",yaravuze ati: "Urya mweranda yikumbagaza. Yize kw'ishuri irihe? Yaturutse heuwo?"

Mwibuke, Yari yiteguriye ako kanya Umukwego wiwe wa Gatatu. Uh-uh. Ivyo nivyo.Yavuze ati: "Ni kangahe nashatse kubashira mu mababa yanje!"

156 Loti yarahamagaye iryanyuma… canke, nshatse kuvuga Umumalayika yarahamagaye,Intwarabutumwa, Uwo yari Ari. Imana ihagarariwe m'umubiri w'umuntu, Yarakozeikimenyetso canyuma, yakoze igikorwa ca nyuma. Aho vyose vyari birangiye.

Nowa yaravuze Ubutumwa bwiwe bwa nyuma; urugi rwarugawe inyuma yiwe. Vyaribirangiye. Barabitwenze and barabicokora.

Mwiyumvire, abantu barashobora kubandanya bavuga ubutumwa! Bwa bumwempuzamashengero burashobora kwiyunga n'ishengero Katolika, neza nk'ukobabisezeranye kubikora. Amadini yose ashobora kuza, ariko ikimenyetso c'igikokocamaze gushika. Baragifata, bagishira muri ivyo. Murabona? Hanyuma baravugabati: "Ô,Haleluya, Imana ishimwe, mw'ijoro riheze hariho benshi bakijijwe." koko? "Baratamvye muri mpwemu. Baravuzemundimi." Ivyo ntanakimwe bimaze. Murabona? "Ô, bariyoroheje, bafiseumutima mwiza kandi baraciye bugufi. Ego, mushinganahe. Barafise ivyamwa vyaMpwemu." Ico si ikimenyetso. Nta

na gato.

Reka ndabahe icamwa ca Mpwemu, hagati ya Yesu n'Abafarisayo, nimurabe uwariafise icamwa ca Mpwemu. Gute hamwe nohagarara, nk'uko nari natanguye kuvugamukanya gaheze, nyurana na Kristo kano kanya umunota umwe? Imana imbabarire nokubivuga, murabona, ariko kugira ndabereke ikintu kanaka

157 Ni gute hamwe noza kuri mwebwe hanyuma nka vuga nti: "Mumbwire, shengero, nindemugenzi wanyu? Agaragaza icamwa ca Mpwemu? Umuherezi wanyu wakera ameze neza.Aza kubaraba mubitaro iyo murwaye? Umuherezi wanyu wakera ameze neza. Ivyonivyo. Wa wundi buri gihe abagurana amafaranga kanaka igihe muba mugeze habi,mumbombane? Mwabanywanyi b'ikoraniro ryiwe mwe, ntimuhora muja k'umuhereziwanyu wa kera hanyuma akabagurana amafaranga? Murabona? Ninde buri gihe yamaari uwigikundiro kandi w'umugwaneza, kandi yerekana icamwa ca Mpwemu? Umuhereziwanyu w'umugwaneza wa kera.

"Ninde uwo yize imyaka myinshi, hano hepfo mumasinagogi, aho sekuruza wasekuruza wa sekuruza wa sekuruza wa sekuruza wa sekuruza wa sekuru yaturutseico gihe cose? Ninde yize hanyuma akaronka… yakoze cane hanyuma akaronkaindangabumenyi ya Dogitora hamwe n'indangabumenyi isanzwe n'Indangabumenyiy'ubwigisha muvy'amategeko, kugira amenye iri Jambo, hanyuma ahagarrare hanokandi aribashikorize buri gikondo co kuw'iyinga muri rino koraniro? Umuhereziwanyu w'umugwaneza wa kera.

158 "Ninde uyu muhemu, yitwa 'Yesu'? yize hehe? Aturutse murihe shuri? Iriheikarata yiwe y'umunyamuryango? Yegukira irihe dini?

"Akora iki igihe mwese m'umuryango mugize ukutumvikana? Ninde ahaseruka?Umuherezi wanyu ameze neza wa kera, agerageza ku… kandi mufise ukutumvikanan'uyu mubanyi aho, umuherezi wanyu ameze neza wa kera aca aza hanyumaakabumvikanisha. Ati: 'Mwese muri abana b'Imana. Ntimugakore ivyo'. Ivyo nivyou…

"Akora iki uyu Yesu w'i Nazareti? Arashwanyaguza. Akora iki? Aranegura idiniryanyu. Akora iki? Yita umuherezi wanyu 'umurongozi w'impumyi'. Amwita 'inzokamuvyatsi.' Afata ikimazi Imana yategetse, kandi agatembagaza imeza, akongeraagasanzaza amafaranga hanze, hanyuma akabarabana umujinya. Mbega muramazekubona umuherezi wanyu aboneka gutyo?" None icamwa ca Mpwemu kiri hehe? Uh-uh.Uh-uh.

159 Si m'ukuvuga mu ndimi. Si m'ugutamba muri Mpwemu. Si m'ukwiyunga n'ishengero, ntibicaku camwa ca Mpwemu; ubumenyi bwa gikiristu bushobora kubasumvya mwese kuri ico,murabona, kandi bakanahakanak o Yesu Kristo yari Imana. Si ivyo.

Ahubwo ni Ijambo rizima! Ng'iryo. Iyo baba bararavye, yari Mesiya. Yari Ijamborizima ryagaragajwe.

Kandi umuntu afise Mpwmu w'Imana muri we, canke umugore abayeho iryo Jambo,Ribaye neza muri bo. Ico nico ca nkenerwa, abatoranijwe kuva kera, kuberaIjambo ry'Uhoraho riza kuri bo, kandi babereye Ijambo abantu. "Ivyetevyanditswe bisomwa n'abantu." Ivyo nivyo? Mbega Umukwego wa Gatatu woshoborakuba uriko urakora?

160 Abantu bumviriza amabande, ni mwebwe muriko murumviriza ino bande, nari nifuzako mwari gushobora kuraba rino koraniro kano kanya. Uh-uh. Ndizera ko murikomuriyumva cokimwe.

Ni gute nimba ariko biri? Nimurabe ivyanditswe birunze hano. Vyoshobora kuba vyo? Mbega Umukwego wa Gatatuni kubwira Ubutumwa abaciriweko iteka ibihe vyose banse Ubutumwa bw'Agakiza?

"Neza," muravuga muti: "ishengero ririko riraja…"Ego, bazobandanya neza, nka mbere.

Ariko mwibuke, ico gihe cose Nowa yari m'ubwato. Umugeni amatanirijwe muriKristo, umunywanyi wanyuma yaramaze gucungurwa. Ishashara rya Gatandaturyarigaragaje. Ishashara ry'Indwi riMugarukana kw'isi. Umwagazi yaraje hanyumayakira Igitabu m'ukuboko kwaYo kw'iburyo, aricara kandi arishuza ivyari ivyiwe,ico yacunguye. Nivyo? Vyamye igihe cose ari Umukwego wa Gatatu

161 Gatatu ni ugutungana. Igikorwa gishika k'ugutungana igihe kigaragaje Kristoubugira kandi m'umubiri, hagati y'ivyaremwe bantu, nk'uko vyavuzwe bitaraba ati:"Nk'uko vyari mugihe ca Loti."

Ô,mwiyumvire, abantu bari bashoboye kubandanya bavuga ubutuwa, bibaza ko barikobarakira agakiza, bizeye ko bariko bakora neza, bizeye ko amadini yabo ariko arakura,atankeka, ariko atavyizigiro na bike bihari. None iyo ririya yerekwa riza kubaivyo, kandi ivyo vyari vyari ibigumye kubagore, twageze kuri ya saha! Umuryangowugawe, vyarangiye, Igitabu camaze gushika m'ukuboko kwiwe. Muvyiyumvireko.

162 Reka ndababwire kino ubu imbere yuko ndangiza. Ndiko ndaheraheza. Vyaravuzwe,kubijanye no muri Irland, aharabana n'amazi. Hari igitandara kinini kigira kunkengeraz'ibahari, kigashika hejuru kuri uyu

mutumba munini. Aho hariho umuntu yarikoaragenda, agenda aca aho umunsi umwe ne—neza hageze ko imipfunda iza. Kandi ahohari umugabo w'umwubahwa yabaye k'umutuba, uwo yari azi iyo mipfunda. Yari aziigihe c'umunsi iyo mipfunda yaba yitwezweko. Yari azi umwanya umupfundawatangura kuza. Uyu muntu ntiyigeze yitaho umwanya. Yari umwe muri abo bandabizi vyose. Yari afise iciyumviro ciwe bwite. Yari umugabo w'umunonotsi,incabwenge, umuntu aciye ubwenge. Ariko ntiyamenye igihe c'umupfunda. Ntiyariazi ico gihugu. Nti yari azi igihe ikimenyetso cari kuzira, igihe ukwezi kwarikwahaye isi umugongo.

163 Kandi igihe Imana izokurira Mpwemu waYo kw'isi, mweneData, izoba irangiye,bizoba biheze.

Bishitse kurya kwezi kukava mukibanza cakwo,amazi yari gutwikira isi nk'uko vyari biri igihe Imana yayirema, mw'Itanguriro1. Ariko ukwezi kwari aho, kandi igihe gusa guhindukije umutwe wakwo, imipfundaica itangura kuduga.

Uyu mutama w'umunyabwenge yabaye hariya muri ivyo bintu, yari azi isaha iyoariyo. Uyu muntu ntavyo yari azi. Ntiyigeze avyiga. Ntiyavyitayeho. Hanyuma uyumutama w'ubwenge asohoka yiruka, kandi avuga ati: "Muntu wanje mwiza,ntiwubahuke kurenga aho. Subira inyuma nyaruka. Hari uruhome. Ntiwoshoborakugurira. Urapfa. I…ibimenyetso biri aho, cagihe. U - umupfunda uraza kudugabukwi na bukwi, kandi ntushobore kugaruka. Nturenge aho."

Hanyuma uwo mugabo yarahindukiye, hanyuma aramutwenga, avuga ati: "Genda witehoivyiwawe. Ndazi ivyo nshobora gukora n'ivyo ntashobora." Hanyuma imipfundairamutwara. Murabona?

164 Birashoboka ko igihe kigeze kure gusumba ukwo twibaza. Murabona? Bizobatwara.Ntimurenge aho. Ntimubikore bantu. Nimba mwaranyizeye igihe cose nk'umukozi w'Imana,fata nka nkama amjambo yanje kano gatondo, nimbia utarabikora. Vyoshika igihekikaba camaze kurenga. Ivyanditswe vyinshi biravyerekana ukwo. Rero mwibuke,simvuzeko ariko bimeze. Sinzi. Ariko gusa mwihweze.

Kandi nakuyemwo hafi impapuro cumi hano, ivyo natinye kubabwira. Murabona?Murabona? Umugore wa Wood ni icabona c'ivyo hamwe n'Umushinganahe Wood. Igihenamanuka muri kino gitondo kubaraba, navuze nti: "Si—sinshobora kubabwira ibi,sinoshobora gushika hariya kure hose. Ndaza gushiraho gusa bino vyanditswevyinshi, hanyuma ndabibasigire, kubera biraja gushirwa ku mabande."Bizokwiragizwa.

Kandi abantu bazotwenga buno Butumwa. Ni vyiza, ntibizoba bigishoboka gusubirainyuma, umwe muri iyi minsi. Bandanya, ube gusa umunywanyi w'ishengero, ucaumushatsi wawe, siga amarangi mumaso hawe. Bandanya, kandi ufate "Data, Mwana,na Mpwemu Yera," niwabishaka, ivyo, bigire imana zitatu hanyuma ube umupagani.Bandanya. Umira kw'idini ryawe. Bikore ukwo, nimba ubishaka.

Muvuge muti: "Naratamvye muri Mpwemu, naravuze mundimi; ndamufise."

165 Narabonye amadayimoni akora ivyo nyene. Narabonye abapfumu bavuga mundimi kandibakazisobanura, kandi bandika mundimi zitamenyekana, bakabisobanura; banyweraamaraso m'ugahanga k'umuntu, kandi bahamagara idayimoni, batamba mu mpwemu.

Abayoboke ba Muhamadi baratamba muri mpwemu, nk'uko, kugeza aho bashobora gufatauduce dusongoye bakavyicumita munntoke zabo; hanyuma bagafata icumu bakaricishamw'isura yabo, nk'ukwo, hama bakarisokora, kandi atan'ima ry'amaraso rivuye.

Abahindi bazogendagenda k'umuriro, batambaye ibirato, intimbatimba yasentimetero 90 na sentimetero 90 gushika kuri centimeter 120 z'ubwaguke,barongereza umuriro gushika aho amakara year kandi ntibanababukekubirenge, ariko bahakana ko hari Umuntunka Yesu Kristo.

166 Oya, oya mugenzi. Ijambo niryo rivyerekana. Abantu bategerezwa kuba umwe n'Ijambo.Murabona? Yesu n'Ijabo cari ikintukimwe; Yari Jambo. Kandi igihe Yesu aba m'umuntu, ivyo bigira uwo muntu ikintukimwe n'Ijambo. Ntu… Ubuzima bwaweburavuga ico uri.

Ubu niwirabe wewe nyene mumarori Imana irabiramwo muvuge muti: "Mbega nsa gutekino gitondo?" Mugihe turiko turasenga.

[Mwene Data umwe avuze mu ndimi. Uwundi Mwene Data atanze insobanuro: "Banabanje, uyu munsi, ndababwiye. Ego, na Jewe nyene, Imana Ishobora vyose, naravyekw'isi uyu munsi. Nabonye ububi ibi vyaremwe vyajanyemwo. Ego, ndabona icahaico umuntu, uyu munsi, kirazibira indani. Egome, mbega ntimuzi ko nabakoreye ibintubihambaye? Ego na narungitse umuntumwakino gihe canyuma, ego, ashobora kuba umuvugizi kuri runo runganwe. Arikondababwiye uyu munsi bantu banje, benshi barashinyaguriye iri zina. ego, bateyeibitugu ibintu yavuze. Ariko ndababwira, abashobora kwumva aya Majambo, nzotumaimihezagiro ihambaye ibamanukako. Ndi Imana ishobora vyose nzoha ipwera uwo munsi abo babasha kwakira aya Majambo, niko Umwamiagize."—Umw.]

Nayereryekure y'Imana

Ubu ndaje muhira;

Musenge, nimba mwarigeze gusenga!

Sanzura amaboko yawe y'urukundo

Mwami ndaje muhira

Ndaje….

167 Mugihe mubandanya kuririmba, ndashaka kubabaza ikintukanaka. Hobahari amarabaga m'umutima wawe kaboneka nkakirabujwe n'icaha? Nimba ariko biri, ubu niwo mwanya wokuciyambura, nimba hari imbabazi zigisigaye.

Ibi, ndizigiye, siko bimeze. Ndizera ko atabihari. Ariko mbega ntibibonekank'aho bishobora kuba vyo? Umviriza ivyo Mpwemu Yera yavugiye hagati y'abantuinyuma y'aho ndangirije: “Ni ijwi ribwira mwebwe.”

Kandi nimba hari, nimba mufise umwijima m'ubuzima bwawe, kubera iki utoza kanokanya nyene hano kugicaniro, mugihe tubandanya kuririmba? Kano kanya nyene,nimba hari ikibazo, nimba hari amarabaga, ntimwongere kuvyigiza inyuma ukundi.

Twizigiye kandi twizera ko ibi atariko bimeze; ariko bizoba, umwe muri iyiminsi, kandi vyonashobora kuba uyu munsi.

Kanokanya, Mwami ndaje…

168 Ugifise umwuka mu mazuru yawe! Yaba bantu bumviriza bande bari bashoboye gusakubona ibiriko biraba hano kano kanya; bariko barasunikana umwe k'uwundi,barira, baza baturutse mumpande zose.

Mbega vyoshoboka ryayerekwa, nagira nkiri umuhungu muto, mbega ni ya saha?Mbega ni kino gihe aho abo baboneka nk'abarushe, n'agahinda…kuzimu yaremwe hanonyene kw'isi?

Ibicaniro n'utuyira, hamwe n'ibindi vyose, huzuye kano kanya. Nimba mudashoborakwegera kugicaniro canke m'utuyira hagati muri aya majana ari hano, hagurukagusa, hamwe mwovuga muti: “Ndashaka guhagarara hanyuma nsenge, kugira ngoabantu bamenye,” canke mupfukame, ico mushaka cose, Ȏ,mugenzi! Ubu ntivyoroshe kubona umuntu n'umwe yicaye. N'abantu bahagaze hose.

Noshobora kuvuga ibi: Mana ntureke, Mana ntureke ko vyo navuze biba ubu. Nshoborekubitahura, umwe wese; Mana ntureke. Hari… Ndafise abana batarinjira. Mfise abakobwababiri n'umuhungu umwe. Ndafise abavukanyi. Ndafise abantu banje batarinjira.Mana urinde ko ubuntu bwoba bwadusize; ko ibi vyose kwoba ari ukwigirisha

Mbega hari ubuntu bugisigaye ga Mwami? reka mbe uwihenze kuri ibi Mwami. rekabibe atari vyo kubwa kano kanya. Ko jewe, ko atariko biri, ko abantubigishoboka ko bakizwa. Biduhe, Mwami. ndasenze kandi nkuragije iri koranirokano kanya, mw'Izina rya Yesu Kristo.

169 Umwe wese asenge kano kanya, nk'uko…Gute iyo biba vyo? Rero, sinzi ko arikobiri, ariko vyogenda gute iyo biba ariko vyari? Musenge ukwo muvyumva. Musengeneza ukwo ushaka gusenga. Gute iyo vyari kuba ari ukuri, twari gukora ikibagenzi? Twari gukora iki? N'iki, n'iki cari kuba? Kano kanya musenge, umwewese. Murire - murire gusa, musenge ukwo mushaka. Muririre Imana, m'uburyobwanyu. Ȏ Mana!

…Amaboko yawe y'urukundo,

Ȏ Mwami, ndaje muhira.

170 “Mwami, narimfise intego yo kubikora haraheze igihe kirekire. Mbega naracerewe ga Mwami? Eseibi, vyararangiye? Ȏ, Mana, sanzura amaboko yawe y'urukundo kandi unyakire.Ikintu kanaka m'umutima wanje gisaba cinginga ivyo, Mwami. wugurure irindirimwe. Nimba izina ryanje ryari mu Gitabu c'Umwagazi w'Intama, vugana nanjekano kanya, Mwami. Reka ndavyakire kano kanya nyene. Ndakwingize ukore, Mana.

Ndaje muhira,ndaje muhira,

Ȏ, namba (Sinzosubira kandi Mwami.) ukundi,kwangara

Sanzura amabokoyawe y'urukundo

Ȏ Mwami, ndaje…

171 Bibiliyayaravuze iti: “Umwe wese azorira nk'aho umuhungu wiwe wikinege yishwe.” Igihebazomenya Yesu.

Ndaje muhira…

Mwebwe murihanze, mwebwe muri mumodoka zanyu, muri kwumviriza ku mirongo migufi,

mwebwemuhagaze impade y'inyubakwa, benshi muri mwebwe, nimwegamike imitwe yanyu gusakunyubakwa, muvuge muti: "Mwami Mana, ngirira imbabazi."

Sanzura…

Gupfa vy'ukuri,bagenzi! Mwiyumire igihe tubayemwo! Turi hehe?

…rukundo

Mwami, ubu ndaje muhira

Ndaje muhira….

172 Mwami Yesu,narakoze ukwo nshoboye nzi. Narakoze vyose nzi uko bikorwa. Emera Mwami, koimiryango y'imbabazi icuguruye. Aya majana, muvy'ukuri amajana akurondera kanokanya, ukureho buri marabaga yose y'icaha, Mwami hanyuma ubinjize uyu munsi.

Nda—ndakwingize,n'umutima wanje wose, nk'uko tubona atari umuntu kanaka gusa ariko aravuga,ahubwo, icanditswe ubwaco kitujana kuri ino saha. Kandi rirya yerekwa,ry'umuhungu muto, yabona barya bantu bamerewe kurya; kandi kano kanya, nibaza,ko kuzimu ubwayo, imbabazi zafuswe kw'isi, kandi ubu kuzimu ubwayo iri hano,kandi abantu, Mwami, bari mubihe bigoye.

Ô ManaUshobora vyose, ndagusavye Mana, uzosuke imihezagiro yaWe kuri iri Shengeroryatoranijwe, bashobore kwakira igikorwa c'intahe, nk'uko Loti yari ayifise, nk'ukoNowa yari ayifise, nk'uko Yesu yari ayifise, kuri abo bazimiye ibihe bidashira,nimbi biri aho; ko bo ubwabo bashizweko ikimenyetso m'Ubwami bw'Imana,mugushingira intahe ko Yesu Kristo ari wawundi Ejo hahise, uyu munsi, n'ibihevyose. Biduhe Mwami. wumve ugusaba kwacu, mugihe tukwingize mw'Izina rya Yesu.

173 Musenge ukomushaka gusenga kano kanya. Ntimwihute. Gute hamwe hamwe izina ryawe ariryoryanyuma kuja mu Gitabo?

… ndaje muhira

Ndaje muhira, ndaje muhira,

Mwene Data Neville, duga hanyuma ubasengere. Umwungere agiye gusengana namwe kano kanyamugihe muriko murasenga. Ndaririmba.

Sanzura amabokoyawe y'urukundo,

Mwami ndaje imuhira.

Ndaje imuhira,ndaje imuhira

Sinosubira kwangara ukundi; (Ego,Mwami.)

Sanzura amaboko yawe y'urukundo,

Mwami, ndaje imuhira

Ndaje imuhira, ndaje imuhira,

Sinzosubira kwangara ukundi;

Sanzura amaboko yawe y'urukundo

Mwai ndaje imuhira.

[Umuvandimwe Branham n'itorero baririmbye indirimbo yavuzwe haruguru mugihe umuvandimwe Neville yasengaga. "Mana ishobora byose, Data wa twese wo mu ijuru, nk'uko byari bimeze, uyu munsi, twishimiye cyane ko waduhaye, nk'uko byari bimeze, uyu mwanya w'igihe kugira ngo dushobore gusuzuma inzira zacu imbere yawe. Mana yanjye, uyumunsi, duhereye mubwimbitse bwubugingo bwacu, turagutakambira, Mwami, kubwacu, ntabwo ari twe ubwacu, ahubwo turatakamba. Reka iyi saha, Mana, ibe umwanya, muri iki gitondo, Data, ubwo uzabikora, niba waragiriye imbabazi, Data, reka, abafite uyu munsi baretse ubwibone bwabo, ubwiza bwabo, nibindi bintu. Mwami Yesu, uyumunsi, turasenga ngo utange ko abapfukamye, yewe, kandi bunamye imitwe hejuru yiyi nyubako. Mana, reka Ijwi, riva mwijuru, rivuge muri iki gitondo. Tanga ibyiringiro, Mwami. Reka abo bagabo, bapfa abagabo n'abagore, Yesu, reka tugire uyu munsi, ihumure ry'uwo Mutangabuhamya wamanutse uva mu Ijuru muri iki gitondo. Mw'izina rya Yesu Kristo, turasaba, Mwami, niba hakiriho imbabazi nyinshi binyuze mu maraso, reka kuri buri wese, uyu munsi, ukurikije ukuza kwabo. Reka bibe bityo, uyu munsi. "]

[Umuvandimwe Neville akomeje gusenga. "Kandi buri wese, Mwami, anyuzwe, uyu munsi, ko uri Imana ishobora byose. Niba ibi ari ukugira imbabazi, reka buri wese ku giti cye. "] Tanga, Mwami. ["Reka

noneho, Data. Kandi amahoro y'Imana, yamye yunvikana, niyongere agaruke kumutima utegereje. ”] Yego, Mwami. [“Reka iyi ibe isaha.”] Yego. [“Twizera ko mwumvise mwijuru.”] Mana, tanga. [“Ikintu cyose kiduteganyirije, niba cyararangiye, Mwami, tuzi umukino wanyuma.”] Yego, Mwami. [“Ariko, niba atari byo, reka Umuhamya aze.”] Yego, Mwami. [“Reka abaje, nibabone amahoro uyu munsi,”] Tanga, Mwami. [“Binyuze kuri Yesu Kristo. Kandi mu Izina rye turasenga. Amen. ”]

174 Mwami Yesu,ndasenze kugira uzorokore Becky na Sarah na Yosefu, n'abandi nabo, Mwami.ntureke ngo bino bishike kubana banje, Mwami. ntureke bino ngo bishike kuribenedata hamwe n'abagenzi banje. Vyemere Mwami.

Ntituzi,ntituzi, ariko turiko turabona ibintu kanaka, Mwami. mbega ni ikimenyetsoc'ukunyiganzwa mumaso yacu kano kanya? Biduhe Mwami. Utwegereze hafi yawe,ningoga, Mwami. Turagukunda kandi turagukeneye. Vyemere, Data, Mpwemu Yeraaturemeshe m'umitima yacu kano kanya.

Turasenzekugira dushobore kuba ivyabona vyawe muri kino gihe, kubera turazi ko ibibitegerezwa gushika. Vyaravuzwe mbere mubihe vyose, kandi dutegerewa guhangananavyo, ko turi mugihe c'iherezo igihe tubonye ibi bimenyetso biseruka. Turazi kanditwarabariwe ubu haheze imyaka myinshi, ko kino kintu cobaye. None tukibona nezak'umuryango wacu, uburake buhambaye cane bw'Imana bugenda genda bucamumabarabara, buhitana intakebwa. Ahatari amaraso k'umuryango,umumalayikaw'urupfu arahaca; kandi babandanya babaho, ariko barapfuye bagenda, atambabazi, ata Mana kandi bidashoboka ko bigera bakizwa.

175 Manaturagushimira kubw'aba bakijijwe! Ukuntu tu… mbega uko ari umunezero uhambayeku mitima yacu, kuba turi indani kano kanya, munsi y'Amaraso, mugihe uryamumalayika wanyuma ariko araca mu gihugu, asohora a…

Abatari munsi y'amaraso, barapfuye atambabazi. Uwo wari Umukwegowanyuma wa Mose. Umbwambere, umusore abwira Isirayeli; ubwakabiri, yaramanutsekubabohora; ubwagatatu, bwari ubutumwa bwanyuma. Ibitangaza vyarakozwe, Moseyari munzira agana mu gihugu c'isezerano, arikumwe n'abacunguwe. Ô Mana, giraimbabazi, nsenze mw'Izina rya Yesu. Amen]

176 Ubu, nashakakubaza iki: Mwebwe muriko murasenga, mwebwe mwumva ko mufise imbabazi, kandi(Imana) mwumva ko muri m'Ubwami bw'Imana, mwumva ko - ko mwashinzwe mu buryoubu canke ubundi, ko muri Kristo mufiseukwizera kugira mwizere ko muri umuKristo, kandi atagukekeranya. Nipfuza komwese mwohaguruka, mwebwe mubishaka, muvyizeye, ko imbabazi zikihari kurimwebwe kano kanya, kandi muri abaKristo, kandi mwi - mwizera ko Amarasoyashizwe ku mitima yanyu, kandi - kandi - kandi ko mwahariwe buri caha cose.

177 Iki cari ikintu car kigoye cane kubabwira mwe bantu. Ndashima cane,kandi ndabona abantu bahagaze hose. Kandi mu, je—je…

Sinzi ko bino bintu ari ukuri, ariko bitegerezwa kumera gutyo igihekimwe. Murabona, ivyo bitegerezwa kuba, kandi vyoshobora kuba kano kanya.Murabona? M'uburyo bwose, isi izobandanya kwa kundi nyene. Abantu bazoguma bazakugicaniro, bazobandanya kurira, ariko ntaco bizofasha. Murabona? Bazobabararangiye, murabona, bizoba vyararangiye. Ntambabazi zizoba ziriho. Mwibukeivyo. “Rwa rusengero rwuzuraumwotsi.” “Uwanduye m'umutima n'ashishikareyandure; uwugororotse n'ashishikare agororoke; uwera n'ashishikare yezwe.” Ntambabazi zigisigaye, igihe Umwagazi w'Intama afashe Igitabu, ivyo nivyo,ntakindi. Kandi biboneka nk'aho bishobora kuba ubu.

Vyoshoboka ko dufise uwundi munsi; kumbure uyu munsi ni uwo munsinyene. Kumbure ejo ni umunsi wa… vyoshika kano kagoroba akaba ri umunsiwanyuma. Kumbure uyu mwaka n'uwanyuma. Ntavyo nzi, bagenzi. Ndababwira, ntavyonzi. Sinzokwigera ndabibwirwa.

178 Ariko igihe Imana ifashe rya zina ryanyuma riri mu Gitabo c'Ubugingo,hanyuma ikaricungura, ntakiba kigisigaye. Murabona, uko vyogenda kwosentagishobora kurengako. Aho ntagishobora kurengako, kuko vyomera kwose.Biraheze. Birarangiye.

Ni bangahe bazi ko ari ukuri? Neza cane. Ni - ni ukuri. Kano kanya ahotwumva…

Kandi ndabona rino koraniro nabwiye Ubutumwa kandi naburiye, iyi myakayose, hanyuma tukabona Ubutumwa nk'ubu bu je…bu na—nazanye muri iyi shushoidatunganye. Kandi mwibuke gusa, ndabivuze kugira ngo mubitahure, ishushoidatunganye….ibindi bintu vyari kubanyiganza cane

179 Mwumvirize. Mbega ntimuryohewe? Hoba hari icoshobora kuba igihambayegusumba, ico mushobora kwiyumvirako, mwakoze m'ubuzima bwanyu? Ariko nabikuyeko,numvise nobikora, kubera ntazi neza aho ndiko ndakandagira, nca nkandagira bukebuke, murabona, ariko gusa ndiko ndababwira.

Mbega nahovyoba vyarangiye ubu? Ni gute hamwe vyoba vyose vyaheze? Muravuga muti: “Ô,mweneData Branham, kumbure…” Ego, ndazi. Barashobora kubandanya uko. Nivyo bakoze buri

gihe.Nabisiguye ndongera ndavyerekana nkoresheje ivyanditswe, murabona, isiyabandanije urugendo rwayo ariko vyari yarangiye. Murabona?

"Ubupfubw'ivugabutumwa burokora abazimiye. Kandi ni ubupfu kubantu. Ni ubwenge kuMana." Murabona? Imana ni Mpwemu. Ikora m'uburyo bwa Mpwemu, murabona, mugukorautwumiza twaYo, uburyo buhebuje. Ariko turi abantu, dufise aho tugarukira.Ntituzi; turaba gusa ivyo dushobora kubona. Ariko ikintu kanaka indani muritwebwe…

180 Igihemusohotse muvuye muri iyi nzu hano, nimba mutigeze mubibona, mutigeze mubonaumuco w'umurango, muzomenya ko ko muvuye muri iki cumba hano, mwinjira m'umucow'izuba canke ikintu kanaka. Hari hashushe. Mwari mushoboye kuvyumva. Hamwe atanziranyumviro y'umubiri wanyu kugira ibimenyeshe, mwoshobora kubimenya, Ô, ntanziranyumviro yo kuraba kugira mubone. Ntaburyo buhari bwokubona ibiti vy'icatsikibisi, kubona ivyaremwe; ntimwabona, ntanumwe yigeze agira ukubona. Mwomenyeko muri ahantu hari ikintu kanaka; ukwumva kwanyu kwobibamenyesha. Mwobimenya.Hamwe nogerageza kubabwira nti : "N'izuba. Riragaragaza. Rirerekana ibintu,"murabona, mwomenya ko ryari aho kubera mwashobora kuryumva biciye kur n'inyumvirozanyu. Ivyo nivyo?

181 Rero, turaziko Kristo ari hano. Murabona? Kumbure ntimumubona n'amaso yanyu. Murabona?Kumbure ntimutabamubona. Ariko bciye kw'iyerekwa, ndababwira, ari hano.Turavyumva turazi ko hariho ikintu hano ico inzira nyumviro zacu zitagaragaza.Ni Mpwemu abivuga, ko Kristo ari Hano.

Ndumva koyaducunguye. Ndumva ko amazina yacu ari mu Gitabo ciwe. Ndizera ko twacunguwen'Amaraso y'Umwagazi w'Intama.

Ndabakunda kandi ndazi komukundana.

Ô, hahezagirwe umugozi udufatanya

Imitima yacu m'urukundo giKristo;

Isangira n'uwo dusangiye vyose

Ni nk'ab'iyo hejuru

Twategrezwa kwiyumvaukwo umwe k'uwundi iminsi yose.Murabona, dutegerezwa, dutegerezwa kwiyumva ukwo umwe k'uwundi. Murabona?Kubera uko dukundana hagati yacu, tuba dukunze Imana. "Mbega woshobora kwankamwene so we wabonye, hanyuma ukavuga ko ukunda Imana utarigera ubona?"Dutegerezwa gukundana. "Ntawogiraurukundo ruruta urw'umuntu yiguze abansi wiwe, kugira bikunde bacike abagenzibiwe." Ô!

182 Murazi yandirimbo, hahezagirwe umugoze ufatanya? Mbega si vyiza cane? Hahezagirwe umugozi!Woshobora kuduha umudiho kuri iyo, mushiki wacu hariya? Vuza umunota umwe gusa.

Mbega hamwevyoba vyarangiye? Gute nimbi Umukwego wa Gatatu uriko uraza ubu, woba arikubwira Ubutumwa abatakaye? Mbega gute hawe ibigereranyo vyose vyoba bigiyekugaragara ubu? Kandi turi indani, kandi turi indani, would that be wonderful?Mbega isangira!

Ô, hahezagirwe umugozi ufatanya (ng'iki ikibikora:)

Imitima yacu m'urukundo giKristo;

Isangira n'uwo dusangiye vyose

Ni nko….

183 Ivyo vyri ibiki? "Isangira n'uwo dusangiye vose." "Ubwami bwawe buze.Ukugomba kwawe kube." Murabona?

Tugeragezakugira Imana a - a mascot boy, an errad canke ikindi, "Mana, kora iki, korakiriya."

Yesu yavuze ati: "Musenge muti 'Ubwami bwawe ni buze. Ubugombe bwawe nibube kw'isi, nk'uko biba mw'Ijuru." Rero, Ijuru ryamanuwe hasi kuri twe, kanditwaduganywe mw'ijuru, kandi twicaye mubirere vy'ahantu ho mw'Ijuru ubu muriKristo Yesu. Twese turizera ko ubwo Butumwa ari ukuri, ko Yesu Kristo, Umwanaw'Imana, aducungura.

Reka duhumirize hanyuma tuduze amaboko yacu mugihe tuyiririmba.

Hahezagirwe umugoziubohanya

Imitima yacu m'urukundogiKristo

Isangira n'uwo dusangiyevyose

Ni nk'…(Bandanya uruvuza.)

184 Kano kanya ntihagire n'umwe atwenga. S'umwanya wo gutwenga. Bivuye kumutima cane mugihe iyo ndirimbo iriko iravuga, nimuramukanye muntoke n'uwomwegeranye muvuga muti: "Imana iguhezagire, Mukristo," bivuye m'umutima.

Imana iguhezagire mweneData Neville. [Mwenedata Neville aravuze ati:"Uhezagirwe, mweneData Branham."—Umw.] Imyaka mirongo itanu n'umunaniy'amavuka. [ "Nivyo."] Urugendo rurerure!

Imana iguhezagire,mweneData…?...

Ubu rek tuduzeamaboko tuyeekeza kuri We.

Igihedutandkanye,

Biratubabazaindani

Ariko tuzokwama dutanaije imitima

Kandi twizigiyeko tuzokwonger guhura ubugira kandi.

185 Twunamikeimitwe kano kanya, kandi, twese hamwe, tutazi io kazoza gafise, kano kanya,tutabizi o vyarangiye. Sinzi. Ariko turavye ibigaragara twahishuye kanogatondo, reka dusenge isengesho Umwami yatubwiye gusenga. Naho ari: "Ubwamibwawe ni buze. Ukugomba kwawe kube." Reka turisengere hamwe:

Data wa twese urimw'Ijuru, Izina ryaWe ni ryubahw

Ubwami bwawe nibuze. Ukugomba kwawe kube kw'isi nko mw'ijuru.

Uduheuyu munsi umukate wa buri munsi.

Utubabarire ibicumuro vyacu, nk'uko natwetubabarira abatugiriye nabi.

Ntutuyobore mumosha, ariko udukize ikibi;ariko udukize wa mubi; kuk'Ubwami, n'ubushobozi, n'icubahiro ari ivyawe ibihevyose. Amen.

186 kano kanyaimitima yacu iciye bugufi. Bibiriya yaravuze it: "Bahejejekuririmbabarasohoka". Mwibuke, igihe bakora ivyo muvyanditswe hari kubera baribabamvye igikorwa c'Umwami wacu Umukwego wa Kabiri, kandi Umukwego wa Gatatuwari hafi gutangura. Amasaha make inyuma y'ivyo, yaramanutse ikizimu kandiabwira Ubutumwa bwiza abatakaye bashibuye imbabazi zabo.

Umudiho wa Ukwizera kwanje kuraba kurangamije kuriWewe.

U—ukwizera kwanje kuraba kuri Wewe

Wewe Mwagazi w'Ikaluvariyo;

Mucunguzi w'Imana

Unyumve kano kanya igihe nsenga,

Nyoza ivyaha vyanje vyose

Kuva uyu munsi mbe uwawe wese!

Mugihe ncamunzira y'umwiza w'umuzitanya

N'umubabaro unzungurutse wiyongera

N'umbere umuyobozi

Hindura umwijimauhinduke umusi

Unkize umubabaro,n'ubwoba

reka kuva uyumunsi mbe uwawe wese!

187 Umwamiabahezagire, kandi atume Umwana wiWe n'ubuntu bikayangana kuri mwe. Kandi Imanaibahe Ubugingo budashira, kandi abana namwe hano muri ino si hamwe n'isi igiyekuza. Kandi m'Ubugingo budashira, muzoshobore kumukorera kubw'ibihe bidashira bigiye kuza.

Nimba kinoarico gihe, kandi twashitse mukibanza, simaramazwa nivyo nigishije. Kandi nimbaburi muvugabutumwa ategerezwa guhagararana n'ikoraniro ryiwe hanyumabagacirirwa urubanza, nk'uko nabibonye mw'iyerekwa, ndashima kubw'ubutumwabwiza nigishije, kubera ni bwa Butumwa bwiza nyene

Paulo n'abandi bigishije.

Ndanezerewe kubwanyu. Ndanezerewe ko mwakiriyeKristo nk'Umucunguzi wanyu. Mumukunde, kandu musenge.

Kanditurasubira kuri uyu muhingamo, Umwami abishatse, isaha imwe y'ijoro, hanok'urusengero. Imana ibahezagire. Turarangije.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7